**MINISTERE DE DE LA FOI ET DE LA VIE**

# KUGIRA IMIRWI Y’ABARONGOZI B’ISHENGERO ABIGISHWA

Gufasha abarongozi b’ishengero

« Genda muhindure amahanga yose abigishwa »

Matayo 28:19



©2015
FaithLife Ministries, Inc
www.faithlifeministries.net

**INTANGAMARARA**

Iki gikoresho c'ukwigisha catejwe imbere ngo gifashe abapastori n'abandi barongozi b'ibikorwa mu kugira abigishwa b'abakristo mw'ishengero. Mu gihe dusanga hari ibitabo vyinshi n'ibikoresho vy'inyigisho ku vyerekeye kugira abigishwa bivuye ku gitigiri cagutse c'ibitabo. Bikeyi vyashinzwe cane cane kugira ngo bikoreshwe mu mirwi y'abantu b'imyaka itandukanye y'abakristo, canke bije mu vyo bafasha mw'iterambere ry'amaprograma yabo n'ukuyarangura. Aho rero, mu masoko menshi ariho bisobanura yuko amwe ari ayaraba isoko ya Leta zunze ubumwe bga Amerika kandi adashobora gukoreshwa canke ngw'abe nk'umushinge ukwiye ku bikorwa biri mū turere tudateye imbere mw'isi.

FaithLife Ministries yarigishije ishengero n'abarongozi b'ibikorwa bari mu mirimo kuva 1996. Iki gitabo cakujijwe n'ukumenyekana kwacu bivuye ku myaka myinshi gikoranye n'abarongozi b'amashengero mu bihugu bitandukanye bivuye ku kubura igikoresho ciza c'inyigisho c'ukugira abigishwa vyaraboneka kandi ko hatabayeho ibitabo vyinshi vy'iki gikoresho naho kiriho ubu canke cigishwa ubu. Aho rero, kuva abapastori n'abarongozi benshi mu bihugu bidateye imbere vyabuze ibitabo vy'inyigisho vy'itsitso vyo kugira abigishwa ; FaithLife Ministries yateje imbere iki gitabo c'izi nyigisho mu kwuzuza ibikenewe. Igitabo c'izi nyigisho cakozwe mu guteganya umushinge w'igutahura no kwigisha umushinge w'ugutahura no kwigisha ivy'ukugira abigishwa no kuremesha abasomyi n'abanyeshule mu gushitsa inshingano za Bibiliya mu gihe cose nkuko birongowe na Mpwemu Yeranda.

## KU VYEREKEYE FAITH LIFE MINISTRIES

FaithLife Ministries yatanguye ibikorwa muri Nzero 2001 na Barry Voss na Kim Star-Voss kugira ngo ateganye igikorwa c'inyigisho n'uburyo ku barongozi b'amashengero mw'isi. Bari bafise umuhamagaro n'inyota yo kugira abigishwa, kubatekerera no kwigisha abantu b'Imana ku gikorwa, cane cane mu bice vy'isi aho hari uburyo buke bw'ubumenyi. Barigishije abapastori n'abarongozi b'abana n'ab'urwaruka n'ab'abakuze mu burongozi bg'ibikorwa vyabo.

Hambavu yo kurongora ibiganiro vy'inyigisho n'inganda, barakoze bongera barateza imbere igitabo c'inyigisho zabo ; n'uburyo n'inguvu zo kuremesha abizera bose kubaho ubugingo bg'ukwizera.

Kim yahoze ari umukozi wo kugira abana abigishwa mw'ishengero rya Kristo ryitwa Shepherd Lutheran Church i Alpharetta, GA aho yakora hagati y'abana n'abakuze barenga 300. Wongeye ku bikorwa yahora akora. Kim yakoze imyaka irenga 15 nk'umuyobozi w'uruganda rukora amamashini y'inyabgonko n'imigambi myinshi yagutse y'ubucuruzi.

Barry nawe yakoze igihe cose muri kino gikorwa kuva 2005 kandi afise ukumenyera ibikorwa kurenga imyaka 20 y'uburongozi bg'akazi. Ni umujenama kandi arimwo mu gusenga Imana kandi n'umurongozi w'igikorwa mu bagabo mw'ishengero ryabo. Kim na Barry bamaze imyaka 38 bubatse kandi bafise abana babiri bakuze n'abuzukuru batatu.

### UGUSHIMA

Imbere ya vyose, tugomvye kubanza gushimira Imana yo yatumye kino gikoresho kibaho (iki gitabo) kandi ikaduha akaryo ko guteza imbere izi nyigisho. Ivyongeweko, tugomvye gushikana ugushima kwacu kuri Deb Moore, Carol Goodwin na Mike Zehnder mu guteganya ibikoresho bimwe n'ivyiyumviro twakoresheje muri kino gitabo.

**KUGIRA ABARONGOZI B'ISHENGERO ABIGISHWA**

**IBIRIMWO**

Igihimba ca 1 : Umushinge w'ukugira abigishwa

Igice ca 1 : Ukugwira mu vy'impwemu

Igice ca 2 : Ukwubaha

Igice ca 3 : Ukwicisha bugufi

Igice ca 4 : Ububgiriza

Igihimba ca 2 : Ingingoo z'ukugira abigishwa

Igice ca 5 : Kugira abana abigishwa

Igice ca 6 : Kugira urwaruka abigishwa

Igice ca 7 : kugira abagabo abigishwa

Igice ca 8 : Kugira abagore abigishwa

Igihimba a 3 : Kugira abigishwa b'Ishengero

Igice ca 9 : Integuro yo kugira abigishwa

Igice ca 10 : Kugira imirwi mito y'abigishwa

Igice ca 11 : Guhanura abandi

Igice ca 12 : Kuremesha uwushinje Imana

# IGIHIMBA CA 1

# UMUSHINGE WO KUGIRA ABIGISHWA



## IGICE CA 1

## UKUGWIRA MU VY'IMPWEMU

« Nuko ni mugende muhindure amahanga yose abigishwa » Matayo 28:19

Muri **Matayo 28:19** Yesu yatanze ibgirizwa ku bigishwa biwe bose ryo kugenda no guhindura amahanga yose abigishwa. Iri n'ibgirizwa rikuru kandi niyo ntumbero yonyene y'ishengero. Ntitwabgiwe ngo genda mugire abanyeshengero canke ngo mutumire abantu mw'ishengero hamwe natwe. Bija kure kurenga aho. Bisobanurwa yuko tuzokenera kwitangira ubgacu ubugingo bg'abo dushingira intahe Kristo no kubajana ku gicaniro ciwe. Aho lero, ntidushobora gukoresha umwanya ukwiye hamwe n'umunyeshengero wese canke umushitsi duhuye. Kandi lero tuzokenera kugwira ubwacu. Tuzokenera guhindura abigishwa bazohindura abandi bigishwa kandi bagwize inguvu kandi bakuze amashengero yacu. Ibi nivyo Paulo yabgira Timoteyo mu cete ciwe ca kabiri mu gice ca 2 ku murongo wa 2, kwigisha abandi ivyo nawe yigishijwe.

<u>Ukugwira mu vy'impwemu niko kugira abigishwa</u>

Niba twirengagiza ukwizera kwacu, n'inyigisho za Yesu ni za Bibiliya, turi uruvyaro rumwe ruri kure y'ubukristo butabaho. Ukwizera rukristo kwacu ntigukwiye gukorera mu mwiherero. Bisobanurwa ko gukwiye gusangirwa no guhako abandi.

A. **Intumbero y'uwizera wese ni kugira abigishwa**

1. Kwubaha ibgirizwa rya Yesu muri **Matayo 28:19-20**
   a) Gusigura ubutumwa bg'agakiza
   b) Kwigisha abamukurikira kwubaha amabgirizwa yiwe.
2. Gukuza ishengero
   a) Gushikana uru ruvyaro kuri Kristo
   b) Gushikana amahanga kuri Kristo

**« Muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu n'i Yudaya hose n'i Samariya nogushitsa ku mpera y'isi. »** Ivyakozwe 1:8

3. Kwinjiza isi
   a) Gusayangana nk'umuco wiwe (Abe ariko umuco wanyu ubonesha imbere y'abantu.
   b) Ba nk'ibiganza vyiwe n'amaguru yiwe

4. Gushikana ukwizera ku ruvyaro rukurikira
5. Abigishwa bonyene nibo bashobora guhindura abandi bigishwa.

B. **Ukugwira mu Mpwemu gufise uburenganzira**

1. Uwizera ategerezwa kuba umwigisha wa mbere mu muryango wiwe.

**« Utazi kuganza abo mu rugo rwiwe yoshobora ate kuzigama ishengero ry'Imana. »** 1Timoteyo 3:5

2. Uwizera agira abigishwa abandi banyeshengero ubugira kabiri.
   a) Guteza imbere abarongozi benshi bazogira abigishwa
   b) Gukuza ubgami bg'Imana biciye mu kugwiza.

**« Nuko rero iyo turonse uburyo tugirire bose neza, cane cane ab'inzu y'abizera. »** Galatiya 6:10

3. Uwizera agira abigishwa bandi b'inyuma
   a) Abatizera
   b) Abo bakorana

C. **Ukugwira mu Mpwemu mw'ishengero bitangurana n'abarongozi.**

**« Kandi ivyo wanyumvanye mu maso y'ivyabona vyinshi ubishikirize abantu bo kwizigirwa, bazoshobora no kuvyigisha abandi. »** 2 Timoteyo 2:2

1. Inshingano ya mbere y'umurongozi wese w'ishengero itegerezwa kuba iyo kugira abigishwa.
   a) Ntabgo ari ukurongora igikorwa cabo canke kwerekeza ibikorwa.
   b) Ni gukorana n'umurongozi wese w'igikorwa runaka (urwaruka, gusenga (urwaruka, gusenga, abajenama hamwe n'abandi….).
2. Umurongozi wese niwe ashinzwe ukwizera kw' abamukurikira.
   a) Kubashiramwo ivyanditswe mw'ikoraniro ryose
   b) Kwigisha ico bisobanura canke gute bikora mu bugingo bgabo.
3. Umurongozi wese ategerezwa kuba icitegererezo ca Kristo kubamukurikira

D. **Imfunguzo munani z'ukugira abigishwa b'ukuri ngizi imfunguzo munani ku barongozi b'ishengero mu kugira abigishwa.**

1. **ICIFUZO** : Umurongozi ategerezwa kugira icifuzo co guhindura abandi abigishwa.

**« Bana banje bato abo nongera kuramukwa, gushitsa ah'ishusho ya Kristo izoremerwamuri mwebge »** Galatiya 4:19

a) Utegerezwa kubona Yesu arimwo mu bandi
b) Utegerezwa kubitangira umwanya n'inkomezi.

2. **GUTEGURA**

Umurongozi ategerezwa guteza imbere imigabo yo kugira abigishwa.

**« Ariko umunyabuntu imigabo yiwe n'ukugira ubuntu kandi uko kugira ubuntu azogushishikara. »** Yesaya 32:8

a) Shinga intego n'ibipimo
b) Serura n'inzira uzokoresha

3. **KWIGISHA**: Umurongozi ategerezwa kwigisha ijambo abandi

**« Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu no kumuhana no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka kugira ng'umuntu w'Imana abe ushitse, afise ibimukwiye vyose, ngw'akore igikorwa ciza cose. »** 2 Timoteyo3:16-17.

a) Bgira kandi wereke abandi ico ijambo ry'Imana rivuga.
b) Kurongora no kwitanga imbere y'ikoraniro ryose canke mu gikorwa.
c) Guteza imbere urutonde rw'ivyanditswe ukorerako mu gikorwa cawe.

4. **KUBA ICITEGEREREZO** : Umurongozi ategerezwa kuba icitegererezo nka Yesu imbere y'abandi.

**« Kandi ntimuragire nk'abatwaza amanyama amasho mwagabanganirijwe, ariko mubeivyitegererezo vy'ubusho. »** 1 Petero 5:3

a) Umurongozi ategerezwa kuba akarorero k'abandi
b) Umurongozi ategerezwa gukorera abandi (Matayo 20 :28)

5. **GUKOSORA** : Umurongozi ategerezwa gukosora abandi.

« **Uvuge ijambo ry'Imana, uhora ugavye mu gihe gikwiye n'ikidakwiye, uhane wihanize,uhanure mu kwihangana kwose no mu kwigisha.** » 2 Timoteyo 4:2

a) Sobanura abantu bakeya ushobora gukosora
b) Marana umwanya n'abo ugomba gukosora
c) Tezimbere uburyo canke programa yo gukosora abandi

6. **GUSHIRA ABANDI MU GIKORWA**

Umurongozi aratora inzira zo kuronka abamukurikira baja mu gikorwa. « **Niko bimeze n'ukwizera kutagira ibikorwa kuba gupfuye.** » Yakobo 2:17.

a) Kuza ukaja mu gikorwa vyubaka ubugombe bg'Imana
b) Gukorera abandi biteza imbere umurimo w'Imana
c) Ukwinjira mu gikorwa biha inguvu ukwizera kwawe

7. **INTAHE** : Umurongozi akoresha intahe kenshi mu kuremesha abantu.

« **Ariko muhore mwiteguye kwishura umuntu wese ababajije inyanduruko y'ivyizigiro birimuri mwebge, ariko muri n'uburwaneza, mutinya.** » 1 petero 3:15

a) Sangira n'abandi ico Imana iriko irakora mu bugingo bg'abantu bayo.
b) Remesha intahe zandikwa n'izivuzwe mu masengesho no mu makoraniro.

8. **IMIRWI MITO-MITO** : Umurongozi araremesha abamukurikira kuza mu mirwi mito mito.

« **Twoye guheba gukoranira hamwe, nkuko bamwe bagira ariko duhanurane** » Abaheburayo 10:25.

a) Yemerera abantu gusangira vyinshi vyo ku mutima
b) Yubaka ubwizigirwa n'umwumvikano
c) Itezimbere ugushigikirana mu vy'impwemu

E. **Ukugwira mu Mpwemu kurahembuka.**

**« Arababgira at'ivyimburwa ni vyinshi, ariko abimbuzi nibo bake ; nuko ni mwinginge Nyen' ivyimburwa arungike abimbuzi mu vyimburwa vyiwe. »** Luka 10:2

1. Uzohezagirwa
   a) Mu kubona abakozi benshi bitanga ku vyimburwa
   b) Mu kubona igikorwa kirangurwa n'abandi
   c) Mu kubona abantu benshi binjira mu gikorwa cawe
   d) Mu kubona imiryango ikomeye mu kwizera mw'ishengero ryawe
   e) Mu kubona Imana igukoresha mu guhezagira abandi

2. Abantu wagize abigishwa bazohezagirwa
   a) Hamwe n'ugukura kw'umuntu mu mpwemu
   b) Mu kuba mu bumwe bukomeye n'Imana
   c) Mu gukorera abandi
   d) Mu gukoresha ingabire zabo zo mu Mpwemu mu Mwami wacu no mw'ishengero
   e) Mu kubona Imana ibakoresha mu guhezagira abandi.

**UMWIMENYEREZO W'UKUGWIRA MU VY'IMPWEMU**

1. N'ibihe bintu ushobora gukora mu kugira abigishwa umuryango wawe ?

1) ______________________________

2) ______________________________

3) ______________________________

4) ______________________________

5) ______________________________

2. Ni abarongozi abahe ushobora kugira abigishwa mu gikorwa cawe ?

1) ______________________________

2) ______________________________

3) ______________________________

4) ______________________________

5) ______________________________

3. N'ibihe bintu ushobora gukora mu kubigisha no kubaha mu kubahindura abigishwa ?

1) ______________________________

2) ______________________________

3) ______________________________

4) ______________________________

5) ______________________________

4. N'ibihe bintu ushobora gukora mu kugira abandi abigishwa mu gikorwa cawe ?

1) ______________________________

2) ______________________________

3) ______________________________

4) ______________________________

5) ______________________________

## IGICE CA 2

## UKWUBAHA

**« Nawe aramwishura, ati cane-cane hahirwa abumva ijambo ry'Imana bakaribungabunga »** Luka 11,28.

Mu kwezi kw'indwi 1976, abasoda b'abacomando b'abisiraeli bagiye ku kibuga c'indege c'i Entebbe, muri Uganda kubohoza abayuda 103 bari bafashwe mpiri. Mu minota itarenze 15, abasoda bishe abantu 7 bose b'abasuma barekuza imbohe.

Aho rero, abantu batatu mu mbohe barishwe mu gihe c'ibohozwa. N'uko abacomando binjiye mu kibuga, baramotse mu giheburayo bati «Ryama hasi, mukwege inda hasi» imbohe z'abayuda zirabitahura, hama baryama hasi kw'isima, ico gihe c'intambara, uwutumva igiheburayo yagumye ahagaze. Aho nyene yaciye araswa. Hanyuma babiri mu mbohe barakekeranije kumbure mu kuraba ibishitse, nabo nyene baciye baraswa barafa.

Umusore umwe yaryamye hasi hama yarahagaze abonye abacomando binjiye ikibuga c'indege. Nawe nyene yararashwe amasoro kuko vyasobanurwa kwari umwansi. Abo batatu batitayeho ibgirizwa ry'umusoda, bari kubohozwa hamwe n'izindi mbohe.

Agakiza kugururiwe bose muri twebge, ariko dutegerezwa kwubaha ibgirizwa rya Kristo ryo kwihana no kumugira Umwami. Ahasigaye naho, tuzohona nk'izo mbohe mu rubanza nk'umwansi !

Kuko Imana ari umuhanyi w'ibintu vyose (**Yakobo 1:17**) kandi tutari muri we, ntaco dushobora gukora (**Yoh.15 :5**).

Imana ntinezerwa n'ivyacu twaranguye. Mu vy'ukuri ibinezereza Imana n'ukuyubaha kwacu.

Turavye mw'Isezerano rya Kera, Imana yakomeje kubabazwa n'ukutayubaha kw'abisiraeli, ubgoko bgayo yatoranije. Imana iracifuza ukwubaha kwacu kugeza uno munsi, nkuko umuvyeyi wese yifuza ukwubaha kw'abana biwe. Imana iranezerwa cane gihe tuyubaha, n'ivyagezwe vyayo n'Umwana wayo Yesu.

Ivyagezwe vyiwe vyakozwe ngo biduhezagire, atari kudushingira akarimbi canke kutubabaza. Biriho ku nyungu yacu. Aho lero, kuko muri **Luka 11:28** havuga ngo, duhezagirwa n'ukwubaha kwacu. Kandi nkuko Yesu avuga muri **Yohana 14:15** « **Ni mwankunda muzokwitondera ivyagezwe vyanje.** »

A. **Intangamarara : N'ikuki tutubaha ?**

1. Dushaka kuba abigenga ubgacu
   a) Dushaka kwihitiramwo ivyacu tugomba
   b) Dushaka kwitegeka ubgacu
   c) Twigishijwe kwikukira
2. Biratugora kenshi kwiyunga n'abandi
   a) Abandi ntibatuzi canke bamenye ivyifuzo vyacu
   b) Ukwegera abandi tubifata nk'intege nke
   c) Ntidushaka ingaruka zivuye ku ngingo zindi
3. Ntitwubaha ubutegetsi
   a) Ntitucizigira canke ngo twubahe abarongozi bacu
      - Leta
      - Ubucuruzi, urudandaza
      - Ishengero
   b) Abarongozi benshi bakoresha nabi ubutegetsi bgabo
   c) Abantu benshi babona abarongozi nk'imvo y'ingorane mu bugingo bgabo

B. **Ni bande tuvuga kwubaha ?**

1. Imana
   a) Kugamburukira Imana

« **Nuko mugamburukira Imana, ariko murwanye wa murwanizi, nawe azobahunga** » Yakobo 4:7

   b) Umviriza ijambo ryiwe no kuribungabunga

« **Nawe aramwishura ati cane cane hahirwa abumva ijambo ry'Imana bakaribungabunga** » Luka 11:28.

2. Yesu Kristo
   a) Niba mumukunda muzomwubaha

« **Ni mwankunda muzokwitondera ivyagezwe vyanje** » Yoh.14:15

   b) Ukwubaha kuva mu kwizera

« **Niwe yaduhesheje ubuntu no kuba intumwa kubg'izina ryiwe, kugira ngo mu mahanga yose habemw'abumvira Imana, babiheshwa no kwizera.** » Rom 1:5

3. Abavyeyi

   a) Ni uburenganzira

« **Bana mwumvire abavyeyi banyu mu Mwami wacu kukw'ivyo ari vyo bigororotse**. » Abanyefeso 6:1

   b) Binezera Umwami

« **Bana mwumvire abavyeyi banyu muri vyose, kukw'ivyo arivyo bishimwa mu Mwami wacu.** » Kolosayi 3:20

4. Abarongozi

   a) Kugira igikorwa cabo umunezero

« **Mwumvire ababaganza, mubagamburukire kukw'aribo bama bagavye bazigama imitima yanyu, nk'abazobibazwa ; mugenze murtyo kugira ngo babikore banezerewe, batitsa umutima kuko bimeze birtyo ataco vyomarira mwebge**. » Abaheburayo 13:17

   b) Gutsindira umunezero wabo

« **Bagurano mwumvire ba shobuja bo ku mubiri muri vyose atariyo babahagarikiye gusa, nk'abanezereza abantu, ariko mubakorere mutagira ubupfunya mu mitima yanyu, mwubaha Shobuja mukuru.** » Kolosayi 3:22

5. Abo bafise ubutegetsi

   a) Bashinzwe n'Imana

« **Umuntu wese n'agamburukire abamuganza, kuko ata kuganza kutava ku Mana, ukuriho kwagezwe n'Imana**. » Roma 13:1

   b) Gushitsa ubugombe bg'Imana

« **Bagurano, mwumvire ba shobuja bo ku mubiri nkuko mwumvira Kristo… Ntimubakorere bakibahagarikiye, nk'abanezereza abantu, ariko mubakorere nk'abagurano ba Kristo, mukora ivy'Imana igomba bivuye ku mutima**. » Efeso 6:5a,6

**C. N'iki kidutera kutagamburuka ?**

1. **<u>Ugukekeranya</u>** – Ntitwizigira umurongozi
   a) Ntitwemera impamvu zabo
   b) Ntitwemeranya n'imanza zabo
2. **<u>Amanyama</u>** : Twiyumvira ko tuzi vyiza kuruta ivyo bakora
   a) Twizera ko dufise inyishu zigororotse
   b) Twiyumvira ko tuzi vyinshi kuruta ivyo bakora

3. **Ukwikunda** : Dushaka ibintu bikozwe mu buryo bgacu
    a) Ntidushaka kwemera uburyo bg'abandi
    b) Ni uburyo bgacu canke uburyo buhanitse
4. **Ubgibone** : Dushaka kuba bakuru mubasuzuma
    a) Twifuza kuba inkingi muri kazoza kacu
    b) Ntitugoma ibitubako ko bitegekwa n'abandi
5. **Ubgoba** : turatinya ingaruka (canke ibizovamwo)
    a) Ntidukunda imvune ishoboka ku bugingo bgacu
    b) Ntidushaka kwiremeka impanuka z'abandi

D. **Ni gute tworushiriza kugamburuka ?**

1. Kwiyanka
    a. Yesu yavuze kwikorera umusaraba wacu

« **Abgira bose, ati umuntu ni yagomba kunkurikira ni yiyanke yikorere umusaraba wiwe ukobukeye ankurikire**. » Luka 9:23

    b. Guhindukiriza imitima kuvyo yashinze vyiwe

« **Uhindurire umutima wanje kuvyo wihanikirije ariko si ku nyungu mbi** » Zaburi 119:36

    c. Rondera ubga mbere ubgami bgiwe

« **Ariko mubanze mwitwararike ubgami bg'Imana n'ukugororoka kwayo, niho ivyo vyosemuzovyongerwa**. » Matayo 6:33

2. Gukorera abandi
    i. Mukoreranire mu rukundo

« **Bene data, mwahamagariwe umwidegemvyo, mugabo rero uwo mwidegemvyo ntimugireurwitwazo rw'akameremere kanyu, ariko urukundo rubatere gukorerana**. » Galatiya 5:13

    ii. Kwunguka ubushizi bg'amanga mu kwizera

« **Kukw'abakoze neza ico gikorwa c'ibango ryabo bironkera igishingo ciza n'ubushizi bg'amanga bginshi mu kwizera Kristo Yesu**. » 1 Timoteyo 3:13.

iii. Kuba umukuru mu bgami bg'Imana

« **Muri mwebge siko biri. Ariko uw'ugomba kuba mukuru muri mwebge az'abe umukoziwanyu**. » Matayo 20:26.

3. Kwiga ijambo n'ukurikoresha
   a) Kwigisha mu bugororotsi

« **Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu no kumuhana, no kumutunganya no kumutoza indero nziza mu kugororoka, kugira ng'umuntu w'Imana abe ushitse, afise ibimukwiye vyose, ngw'akore igikorwa ciza cose**. » 1 Timoteyo 3:16-17.

   b) Kwezesha inzira yawe

« **Umusore azokwezesha inzira yiwe iki ? Azoyezesha kuyitondera nk'ukw'ijambo ryawerivuga.** » Zaburi 119:9

   c) Kwunguka ugutahura

« **Umpe gutahura nanje nzokwitondera ivyagezwe vyawe. Mbere nzovyitondera n'umutimawose** » Zaburi 119:34

4. Rondera ubgenge bg'Imana biciye mu gusenga.
   a. Saba Imana gufashwa

« **Ntimugire ico mwiganyira, ariko muri vyose ivyo mugomba bimenyeshwe Imana, mu gusenga no mu kwinginga bifatanije no gukenguruka**. » Filipi 4:6

   b. Azobafasha

« **Iguhe ico umutima wawe wifuza. Ishitse Inama zawe zose**. » Zaburi 20:4

E. **Ni kuki dutegerezwa kwubaha ?**

1. Kwirinda uburibwe n'ububabare
   a. Inzira zacu zirongora mu rupfu

« **Hari inzira umuntu yibgira kw'ari nziza. Ariko amaherezo yayo n'inzira ishikana mu rupfu** » Imigani 14:12

b. Ubusazi bgacu burongorera mu kibi.

« **Gendana n'abanyabgenge nawe uzogira ubgenge, arik'ucudika n'ibipfu azokomereka**.» Imigani 13:20

2. Gutezimbere ukwihangana n'umwete
   a) Kuzanira ivyamwa Imana

« **Kugira ngo mugende nkuko bibereye ab'Umwami wacu, mumunezereza muri vyose,mwama imbuto mu bikorwa vyiza vyose, mugwizwa no kumenya Imana** » Kolosayi 1:10

b) Kugira ivyizigiro

« **Kandi sivyo vyonyene, ariko kandi tunezererwe n'amarushwa yacu, kuko tuzi yukw'amarushwa atera ukwihangana, kand'ukwihangana kugatera kudatsindwa no kugeragezwa kugatera kwizigira ibitaraba** » Roma 5:3-4

3. Gukora ubugombe bg'Imana
   a) Kuba uwera

« **Ico Imana igomba n'ukwezwa kwanyu** » 1 Tesalonika 4:3

b) Gutunganywa

« **Imana Nyen'amahoro, imwe yakura Umwami wacu Yesu mu bapfuye, ariwe Mwungere mukuru w'intama, imukujey'amaraso y'isezerano ry'ibihe bidashira abe ariyo ibatunganya rwose mu ciza cose kugira ngo mukore ivy'igomba ikorera muri mwebge ibishimwa mu nyonga zayo, kubga Yesu Kristo, icubahiro kibe icayo ibihe bitazoshira. Amen**. » Abaheburayo 13:20-21

4. Kwakira imigisha y'Imana.
   a) Kwuzuzwa

« **Harirwa abafise inzara n'inyota vyo kugororoka kukw'aribo bazohazwa** » Matayo 5:6

b) Gushirwa hejuru y'amahanga

« **Ni mwagire umwete wo kwumvira Uhoraho Imana yanyu, mukitondera ivyagezwe vyiwe vyose mbagera uyu musi, mukabishitsa, Uhoraho Imana yanyu azobashira hejuru**

**gusumba amahanga yose yo mw'isi. Kand'iyi mihezagiro izobazako, ibashikire, ni mwumvira Uhoraho Imana yanyu.** » Gusubira mu vyagezwe 28:1-2

Imana yifuza guhezagira umuntu wese muri twebge n'imihezagiro itagira iherezo kandi myinshi. Kuyironka, dukeneye kumwubaha. Turafise ijambo ryiwe n'ivyagezwe vyiwe, kandi naho bizoba bigumye, yaraduhaye Mpwemu wayo yera kudufasha. Reka twinjire mu bugingo bg'ukubaha uyu musi ubu nyene kandi dusabe Umwami kutwereka inzira yiwe, ku musi ku musi gurtyo ntidushobora guhonywa n'Umurwanizi arik turonke imihezagiro yiwe igwiriye.

Ugusuzuma ukwubaha kwacu

1. Ni kuki mutubaha Imana ?

| |
|---|
| Inkuru = wihe amanota wewe nyene ubgawe kukutubaha kwawe ukurikije iyi ngazi ikurikira<br><br>O= Nta na rimwe 1 = nigake 2= rimwe narimwe 3 = akenshi 4= uko bimenyerewe 5= imisi yoso |

**Imvo** **Amanota**

- Ugukekeranya – sinizigira bihagije ____________________
- Amanyama – ndabizi neza ____________________
- Ukwikunda – nshaka inzira yanje ____________________
- Ubgibone – nshaka kugenzura ____________________
- Ubgoba – ndatinya ingaruka ____________________

2. Ni imvo iyihe ifise amanota yo hejuru cane ? ____________________

a) Kuki ? ____________________

3. Ni imvo iyihe ifise amanota yo hasi cane ? ____________________

   a) Kuki ? ____________________

4. None uzokora iki ngo uduze ukwubaha kwawe ?

   1. ____________________
   2. ____________________
   3. ____________________
   4. ____________________
   5. ____________________

## IGICE CA 3

## UKWICISHA BUGUFI

« **Mwicishe bugufi imbere y'Umwami Imana, nayo izobashira hejuru** » Yakobo 4:10

Ijambo ry'Imana rivuga mu **migani 8:13** riti : « **Ubgibone n'amanyama n'inzira y'ikibi, n'akanwa k'ibidadi ndavyanka** ».

Ayo ni amajambo meza akomeye ariko vyumvikana nk'ibgirizwa rya mbere nkaho ata zindi mana imbere Yayo. Imana n'Umuremyi wacu, kandi Umuremyi w'ikintu cose kandi arashavura igihe tugerageza kumusubiriza n'ikintu cose nkuko tumenereye kubikora ubgacu. Murabona kw'ari ubgibone n'amanyama bituma twebge twiyumvira kwishira hejuru kuruta uko dutegerezwa (**Roma 12:3**) ni kamere yacu gufata mu vy'ukuri ibintu vy'Imana tukabi tukabigira ivyacu. Imana yifuza abana bayo guca bugufi no kuyubaha.

Yongera kandi igashaka ko twubaha abandi nkuko Umwana wa Yesu Kristo yabikoze. Kumbure akarorero kanini k'ivyo mu bihe vya vuba ni Mama Tereza yitangiye ubgiwe abakene mu Buhindi. Yesu nawe nyene aremeza ivyo mu gihe avuga ati : « **Ariko benshi ari aba mbere bazoba aba nyuma kandi aba nyuma bazoba aba mbere**. » (**Mariko 10:31**).

Gukurikira Yesu bisonanurwa ko dutegerezwa kwiyanka, dushire kure ubgibone bgacu, twicishe bugufi nkuko yari ari. Uguca bugufi, rero ni agaciro k'umushinge ko kuba umwigishwa Yesu.

### A. Intangamarara

1. Insobanuro y'ukwicisah bugufi n'iyihe ?

Dukurikije kazindutsi ya Webster, ukwicisha bugufi bisobanura :

- Kutibona canke kutishira hejuru, kutirata canke kutiyemera
- Kwiyumvira neza, ukwitonda, n'ukugira umutima w'indabo nziza canke ukwubaha, ukuyoboka.
- Kuja ku murongo wo hasi mu rutonde canke ingazi nkaba uwusanzwe
- Utagira ivy'igiciro canke w'amafyeri

2. Turafise ibibazo bitatu vyokwishura muri iyi nyigisho :
   a) Ni kuki guca bugufi ari gikuru ?
   b) Mbega Bibiliya itubgira iki ku vyerekeye ukwicisha bugufi ?
   c) Ni gute dushobora kubaho nk'abantu baciye bugufi ?

### B. Ni kuki ukwicisha bugufi ari ngombga ?

1. Ku bantu bose
   a) Ubgibone bgitangira imbere y'uguhona

«Ubgibone bgitangira imbere y'uguhona» (Imigani 16 :18)

- Ukoroka n'ingoga uva hejuru kugiti
- Twishira hejuru ubgacu mu kurwanya abandi

b) Ubgibone burongorera mu manyama, kwirata n'ibindi

- Abandi ntibazogukunda
- Uratsitaza abandi n'amajambo yawe n'ibikorwa vyawe

c) Hazoba na bamwe bazoba beza kuruta wewe imisi yose

2. Ku bakristo

« **Ubuntu nibgo bgabakijije kubg'ukwizera, navyo nyene ntivyavuye kuri mwebge, n'ingabirey'Imana ; ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo hoye kugira uwirarira**. » Efeso 2:8-9

a) Kumenya Imana, atari twebwe ubgacu, nk'abashinzwe agakiza kacu.
  - Ntaco twakoze niwe yakoze ikintu cose
  - Kwirinda ibikorwwa vy'ubugororotsi

b) Kumenyesha Imana, ariko atari twebwe ubgacu, nk'abashinzwe ibirangurwa vyacu.

« **N'uk'uzitera ntaco amaze, cank' uzivomera, atar'Imana ikuza** » 1 Korinto 3:7

- Ni Mpwemu Yera abikoramwo kandi biciye muri twebwe, ashitsa ubugombe bg'Imana
- Turi ibikoresho bisanzwe, ariko ntituri abasembuzi.

c) Kudukingir kwirarira mu nguvu zacu ubgacu.

  - Mu gihe twirarira mu nguvu zacu dutetereza Imana.
  - Mu gihe tuvuga «Jewe» n'Imana twanka !

d) Umwigishwa ategerezwa gukurikira inyigisho za Yesu kandi agaca bugufi nkuko yar'ari.

3. Ku bapasitori n'abarongozi

« **Hari ico biriko ? Kizima mu buryo bgose, ari mu buryarya ari mu kuri, Kristo avugwa kandiivyo ndabinezererewe, kandi nzokwama mbinezerererwa** » (Filipi 1:18)

a) Gushoboza abandi kubona Yesu, atari twebwe
  - Abandi ntibashobora kubona Yesu igihe duhagaze mu nzira
  - N'igikorwa c'Imana, s'icacu
  - Agakiza kabo gaturuka kuri Yesu, si twebwe.

b) Kurongora nkuko Yesu yarongora.
   - Yesu ashimagiza Imana, ariko siwe ubgiwe.
   - Yesu yaje gukora, atari gukorerwa (Matayo 20:28)

c) Kubarinda kurwa mu caha
   - Nk'abarongozi muzoba mukurikiranwa 2 Timoteyo 3:12)
   - Umwansi ashaka kubamira (1 Petero 5:8)

d) Kubakingira kuzimiza abandi
   - Mushinzwe abandi (Matayo 18:6-7)
   - Ntunyuranye n'ukuri (2 Timoteyo 4:3)

**C. Mbega Bibiliya ivuga iki ku vyerekeye ukwicisha bugufi ?**

1. Hariho ubudasa bukomeye hagati y'Ivyanditswe n'isi.

| Isi iravuga | Bibiliya iravuga |
|---|---|
| Niba aruko biri nivyiza kuri JEWE | Imana irakuza ibintu 1 Korinto 3 :6-7 |
| Ikurudumu yumye ironka amavuta | Imana ihemba umwizigirwa Efeso 6 :8 |
| Umwe apfuye hamwe n'ibikinisho vyinshi aratsinda | Tanga ikintu cose ufise ku bakene Luka 18 :22 |
| Inyoni izindutse ifata umusiba | Uwa nyuma azoba uwa mbere. Mat.20 :16 |
| Mu burongozi havamwo ubushobozi | Mu burongozi havamwo ugushingwa ibintu 1 Petero 5 :2 |
| Akira ukwishima muvyo waranguye | Ha ubgiza Imana mu vyo ukora vyose 1 Kor 10 :31 |

2. Ni kuki ukwicisha bugufi kugoye kuri twebge ?
   a) Ntikuri muri kamere yacu
      - Ukutumvikana hagati ya kamere k'ivyaha na kamere ya Mpwemu (Galatiya 5:17)
      - Ihwa rya Paulo mu mubiri wiwe (2 Korinto 12:7-10)

   b) Turikunda n'ibituraba
      - Dutegerezwa kurondera hanze (twebwe ubgwacu)
      - Niba ari uko biri n'ivyiza kuri JEWE (ni mu mutwe)

   c) Ntiduha agaciro abandi
      - Tubona gusa intege nke ku bandi ko atari inguvu zabo
      - Duha agaciro ivyo tuzi n'ivyo tubona twenyene ubgacu

   d) Ntitwizigira Ijambo ry'Imana
      - Twiyumvira ko Ijambo ryayo riraba abandi atari twebge
      - Turakekeranya amasezerano yiwe

**D. Ni gute dushobora kubaho nk'abantu baciye bugufi ?**

« **Ko yakweretse iciza icarico, ga yewe muntu, mbega hari ikindi Uhoraho akugombako atari ugukora ibiroranye, no gukunda kugira imbabazi, no kugendana n'Imana yawe wicishije bugufi** » (Mika 6:8)

1. Senga kugirango Mpwemu Yera aguhe uguca bugufi

2. Irinde kuvuga ngo «Narakoze, vuga uti :«Imana yarakoze»

3. Iyumvire ubga mbere ku bandi
   - Reka ibikenewe vyabo bibe ingorane yawe
   - Ba umurongozi w'umukozi

4. Tanga ingurane ku Mana no ku bandi, ntabe namba wewe ubgawe

**E. Ivyiyumviro bimwe bimwe vya nyuma**

1. Dutegerezwa imisi yose gutanga ingurane n'ubgiza ku Mana ku kintu icari cose turanguye
2. Dutegerezwa kuba maso mu kutaremesha ubgibone bgacu mu bandi
3. Dutegezwa kutarwa mu nsobanuro z'umuco w'instinzi
4. Turi abaserukizi ba Kristo, ntituri Kristo (2 Korinto 5:20)

« **Mwicishe bugufi muri musi y'ukuboko kw'Imana kw'ubushobozi kugira ngw'izibashirehejuru mu gihe gikwiye** » (1 Petero 5:6)

**UMWIMENYEREZO W'UKWICISHA BUGUFI**

Hano musi hari urutonde rw'ibibazo ku vyerekeye ukwicisha bugufi soma neza kimwe cose witonze hama ukoreshe ingazi ikurikira ufate ingingo kuri ico wokoresha. Ku ngaruka nziza, ishura nkuko bishoboka vy'ukuri.

| Na mba | gake | rimwe rimwe | akenshi | bimenyerewe | imisi yose |
|---|---|---|---|---|---|
| 0 | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |

1. __________Igihe mudahuza n'abantu wumva ukeneye kuvuga no kwemeza ivyiyumviro vyawe ?
2. __________Wumva utsitaye igihe abo udakunda bubahwa ?
3. __________ Mbega usanga bigoye kwemera ko uri mu makosa ?
4. __________ Mbega uranezerwa no gusangira ivyerekeye ivyo waranguye ?
5. __________ Mbega ukora ibint kugira ngo ushimagizwe canke ivyubahiro ?
6. __________ Mbega wemera gushimagizwa kuruta guhindukizwa
7. __________ Mbega urashavura igihe utaronse ideni utegerezwa
8. __________ Mbega uranyaruka gukosora abandi igihe bakoze amakosa ?
9. __________ Mbega urahagarara cane ku giti cawe kuruta ic'Imana ?
10. __________ Mbega urigereranya ubgawe n'abandi kuruta Imana ?

Vyose hamwe____________(teranya amanota hamwe).

| Amanota yose | Insobanuro |
|---|---|
| 40+ | uri n'amanyama muri rusangi kandi wuzuye ubgibone kandi ntiwitayeho abandi |
| 30-39 | Urishima akenshi kandi witaho ivy'abandi gake |
| 20-29 | Urerekana uguca bugufi ibihe bimwe ariko hamwe hamwe witaho ibikenewe vyawe gusa hejuru y'ivy'abandi. |
| 10-19 | Biraboneka ko uca bugufi ariko akenshi ibikenewe vy'abandi wama ubishira hanyuma. |
| 0-9 | Urarengereje guca bugufi kandi wibanda ku bikenewe vy'abandi. |

## IGICE CA 4

## UBUBWIRIZA

« **Ingero nziza itsindagiye inyingishe, isesekaye niyo bazobaha muco muteze. Kuko ingero mugeramwo ariyo muzosubirizwamwo namwe**. » (Luka 6:38).

Biraboneka ko ikintu kimwe mu bintu bigoye ku barongozi b'ishengero mu bikorwa dukora ni gusunika abantu gukorera Umwami n'umwanya wabo, n'ingabire n'ubutunzi bgabo. Abantu bamwe nta mwanya bafise, abandi ntibiyumvamwo ko bafise ikintu botanga, kandi abandi nabo ntibibanezera gutanga umwanya wabo canke ubutunzi mu gikorwa c'Umwami, bagashima kubirekera abahinga bavyo. Nkuko umwe yimba cane mw'ijambo ry'Imana nta gukekeranya ko bose muri twebwe bafise ingabirano bashobora gukoresha k'Ubwami bg'Imana, ko Imana ihamagara twebwe kuyikorera hamwe n'abandi ; kandi tukaba turi uruhande rwose rw'intumbero yiwe, n'umugambi. Niba ivyo ar'ukuri, ni kuki abakritso benshi bahomba gutera iteka Imana n'umwanya, n'ubutunzi vyabo ? Ni ngombga ng'ubga mbere tumenye igikorwa cacu nk'ababgiriza Imana yatugabiye kandi yaduhaye kumukoreshereza. Aho rero, nkuko twiga kuba umwigishwa wiwe. Ububgiriza burasohoka buva mu rukundo rwacu bivuye mu cifuzo kuri we no ku ntumbero yiwe mu bugingo bgacu.

A. **Ububgiriza n'iki ?**

1. Ku nsobanuro n'isoko y'ugutunganya
   a) Ibiro, ibikorwa n'ibitegerezwa ku mubgiriza
   b) Ukurongora, ugukoresha abandi canke gutegeka ikintu
   c) Ugutegeka kwiza ku bintu kuzana ubwizigirwa mu bategekwa

2. Imana iraduha, tukabgiriza
   a) Imana yaremye ikintu cose (Itanguriro 1:1)
   b) Ikintu cose dufise cavuye ku Mana

   « **Gutanga kwose kwiza, n'ingabire yose itunganye rwose biva mw'ijuru, vyururuka biva kuri Se w'imico, adashobora guhinduka canke kugira igitutu gitewe n'uguhindagurika** » Yakobo 1:17

3. Yesu yigishije imigani myinshi ku vyerekeye ububgiriza
   a) Umugani w'amatalanto (Matayo 25:14-30)
   - Ingingo ya 1= Uzotegerezwa guharurira ivyo wakoresheje ivyo Imana yaguhaye
   - Ingingo ya 2= Uwariwe wese afise, vyinshi azobihabga (v 29)

   b) Umugani w'umubgiriza w'ubgenge (Luka 12 :35-48)
   Ingingo ya 1= Kuba maso kandi ukama witeguye (V 40)
   Ingingo ya 2 = Uwahawe vyinshi wese azobazwa vyinshi (V 48)

c) Umugani w'umubgiriza mubi. Luka 16:1-13
   Ingingo ya 1= Uwizigiwe kuri bike, yizigirwa no kuri vyinshi (V 10)
   Ingingo ya 2= Nta muntu asaba abami babiri, ntimushobora gusaba Imana n'itunga (V 13)

4. Ububgiriza ntiburi ku vyerekeye «Iyo» canke «ryari» ariko «gute»
   a) Nk'abigishwa, twahamagariwe gutanga (Matayo 22:21)
   b) Imana yaduhamagariye gutanga tunezerewe (2 korinto 9:7)
   c) Imana yaduhamagariye gutanga vyose dufise (Matayo 19:21)
   d) Imana yaduhamagariye gutanga ku buntu (Roma 12:8)

B. **Dutegerezwa kumenya ko Imana ari imoteri y'ukuri**

1. Turashobora kuremesha, ariko Imana yonyene niyo ishobora kugwiza

« **Ni jewe nateye imbuto, Apolo arazivomera arikw'Imana niyo yazikujije. N'uk'uzitera ntaco amaze, cank' uzivomera atar'Imana ikuza** » 1 Korinto 3:6-7

2. Imana irakora, tukishura

   « **Twebge tugira urukundo kukw'ariyo yabanje kudukunda** » 1 Yohana 4:19

3. Vyose dufise vyavuye ku Mna

   « **Gutanga kwose kwiza, n'ingabire yose itunganye rwose, biva mw'ijuru vyururuka biva kuri Se w'imico, adashobra guhinduka canke kugira igitutu gitewe n'uguhindagurika** » Yakobo 1:17

4. Gutanga ni umunezero kandi ni umuhezagiro

   « **Nabahaye akarorero muri vyose yuko mu butame nkubgo, ariko mukwiye gufasha abadakomeye, no kwibuka amajambo y'Umwami Yesu ingen'ubgiwe yavuze ati gutanga kuzana umugisha kuruta guhabga** » Ivyak 20:25

5. Kumenya ko twaremwe ku ntumbero

« **Nk'uk'umuntu wese yagabiwe ingabire muzigaburirane, nkuko bibereye ababgiriza bezab'ubuntu bg'Imana b'uburyo bginshi** » 1 Petero 4:10

   a) Twagabiwe n'Imana
   b) Twahamagariwe gukoresha ingabire zacu mu gukorera umubiri wa Kristo
   c) Dukeneye kumenya uko dukoresha ingabire zacu

C. **Ububgiriza buragendagenda kugira abigishwa**

1. Hariho ukudahuza hagati y'akamere y'umuntu na kamere y'Impwemu
   « **Kukw'akameremere kifuza ivyo Mpwemu yanka kandi Mpwemu yifuza ivy'akameremere kanka, kukw'ivyo bihiganwa ngo ntimukore ivyo mugomba**. » Galatiya 5:17

a) Dukeneye kwanka akameremere k'icaha kuko kavyara kwikunda no gukunda inda
b) Dukeneye gutez'imbere akameremere ka Mpwemu ko kavyara igikorwa n'ukwitanga

2. Inzira z'Imana zikeneye kwigwa

« **Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana, kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu, no kumuhana no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka** » 2 Timoteyo 3:16.

a) Abizera bose bategerezwa kuremeshwa gusoma no kwiga ijambo ry'Imana.
- Gutegura ibilasi
- Ugusoma Bibiliya ku musi ku musi
- Ugusenga ku musi ku musi

b) Abizera bose bakeneye kwigishwa mu bugororotsi
- Kwubaha ivyagezwe vyiwe
- Kubaho ubugingo bgeranda

c) Abizera bose bakeneye gutez'imbere imbono ya Bibiliya mw'isi

3. Ukwo turushiriza kwegera Imana, ububgiriza niko bufata ikibanza
a) Uko twiga Ijambo ryayo duhinduka imbohe zo kumukorera

« **Mbega amaraso ya Kristo, uwo yitanze ku Mana atagira agasembga abitewe na Mpwemu ahoraho, ntazorushiriza guhumanura imitima yanyu ngw'ibikorwa vy'impfagusa biyivemwo, kugira ngo mubone ingene mu korera Imana nzima** » Abaheburayo 9:14

b) Uko dukura mu Mpwemu, ibikorwa vyacu bitegerezwa kwerekana ko :
« **Nk'umuntu yovuga ati weho ufise ukwizera, jeho mfise ibikorwa, nyereka ukwizera kwawe kutagira ibikorwa, nanje ndakwereke ukwizera kanje guserurwa n'ibikorwa vyanje** » yakobo 2:18

4. Ukugira abigishwa kurema umwitwarariko w'ibikenewe vyo guha Imana n'abandi.

« **Ariko nkuko murushiriza kugira vyose ukwizera n'amajambo n'ubgenge n'umwete mwinshi n'urukundo mudukunda ni murushirize no kugira ubgo buntu nabgo** »
2 Korinto 8:7

a) Ijambo ry'Imana ntirisaba namba, riraremesha imisi yose
b) Ukurushiriza kwinjira mu bumwe n'Imana : ni umwitwarariko munini w'Ubuntubgayo.

**D. Gutanga akenshi biva mu mwitwarariko**

1. Reka abantu bamenye ibikenewe gurtyo barashobora gutangamw'inyishu.
   a) Kumenyesha ibikenewe vyanyu ku bantu, ubumenyi canke amafranga.
   b) Gukoresha intahe mu gusangira imvo ku bikenerwa
   c) Ntugire ubgoba bgo gusaba imfashanyo

   « **Ntimufise kuko mudasaba Imana** » Yakobo 4:2

2. Kwemerera Mpwemu Yera agakora igikorwa ciwe
   a. Guha abantu umwanya wo kugereranya inyishu yabo.
   b. Reka Mpwemu Yera yemeze abantu gukora canke gutanga atari mwebge.
      - Reka gutuma abantu bumvako ar'abatsindwa
      - Ntimusege
      - Ntimutukagure canke ngo mutuze abantu

3. Remesha abantu gusengera ibikenewe
   a. Uko baganira n'Imana, nayo iganira nabo
   b. Mpwemu Yera, igihe bamuhamagara, arishura

**E. Indunduro**

1. Ububgiriza n'inyishu, ariko si nkenerwa canke ngombga.
   a. Ububgiriza butemba buvamw'inyishu y'ubuntu umwe wese yiyumvamwo.
   b. Ububgiriza ntibuvyara ukwizera-ukwizera kuvyara ububgiriza.

2. Kugira abigishwa kuzorongora ububgiriza
   a. Kwemerera Ijambo ry'Imana gukora igikorwa caryo
   b. Kwigisha abantu Ijambo ry'Imana kandi ububgiriza buzokurikira bitagoranye.

3. Reka Mpwemu Yera yuzuze ibikenerwa vyanyu biciye ku bantu yakozeko
   a. Ntiwiyemeze k'uzi aho ubutunzi buzova
   b. Witegure kandi wumve kwakira ico Mpwemu Yera aguteganiriza.

## UMWIMENYEREZO W'UBUBWIRIZA

Tondesha ibintu ushobora gukora mu guhimiriza ububgiriza bg'abandi :

1. ________________________________________
2. ________________________________________
3. ________________________________________
4. ________________________________________
5. ________________________________________
6. ________________________________________
7. ________________________________________
8. ________________________________________
9. ________________________________________
10. ________________________________________

## IGIHIMBA CA 2

## INGINGO Z'UKUGIRA ABIGISHWA



## IGICE CA 5

## KUGIRA ABANA ABIGISHWA

« **Maze bamuzanira abana bato ngw'abakoreko ; abigishwa barabakankamira. Maze Yesu abibonye araraka, arababarira ati ni mureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze : kuko ubgami bg'Imana ar'ubg'abameze bartyo. Ndababgire ukuri, utazokwakira Ubgami bg'Imana nk'umwana muto, ntazobginjiramwo na gatoya. Arabarera, arabahezagira, abarambikakw'ibiganza** » Mariko 10:13-16.

Yesu yarerekanye urukundo runini ku bana bato.yaratweretse kandi urugero rw'ukubaha dutegerezwa kugira ku bana n'icitegererezo c'ukwizera. Kwigisha abana ivyerekeye Yesu hamwe n'ijambo ry'Imana ni vyiza, ariko kugeza imitima yabo yakire ubgami bg'Imana niyo ntumbero. Abana akenshi bitwa «Ishengero ry'ejo» n'ishengero rya kazoza kandi niba tubatakaje, tuba dutakaje ishengero. Kandi abana ni «ishengero ry'uno musi» kandi dutegerezwa kubaraba nk'abigishwa ba Yesu nkuko natwe turi.

A. **Intumbero y'Imana ku gikorwa c'abana**

1. « **Kugira abigishwa bato** ». – Matayo 28:19 ni igikorwa kinini guhindura amahanga abigishwa. Insobanuro y'ubutumwa muri Bibiliya iravuga : Genda wigishe wese muzohura, hafi canke kure mu nzira y'ubugingo…. 1 Timoteyo 2:4 hatubgira ko Imana « **igomba kw'abantu bose bakizwa bagashika ku kumenya ivy'ukuri** »

2. Kugira ibidukikije vy'agatangaza - Inzu y'ishengero kuri bose.
   a. Ishule y'icumweru ntisa n'ishuli isanzwe – Ni ishengero ry'umuryango.
   b. Igikorwa c'abana sico ukubungabunga abana ni igikorwa ijana kw'ijana 100%.
   c. Abigisha n'abavyeyi sibo bigisha gusa. Yesu ni akarorero

3. Mw'ishengero, ibitsina vyose n'imyaka bikeneye kwubahirizwa ivyo birimwo n'abana.

   « **Abaherezi bakuru n'abanyabgenge b'ivyanditswe babonye ibitangaza akoze, n'abana basemerera mu rusengero, ngo Hoziyana mwana wa Dawidi, baritonganya, baramubaza bati : uramva ivyo bavuga ? Yesu arabishura at'egome ; ntaho murasoma ngo mu kanwa k'abana bato n'abonka waroranijemw'ishimwe ?** » Matayo 21:15-16. (Yesu yavuzemwo Zaburi 8:2).

B. **Kwigisha abana mw'ishengero birenze icigwa gisanzwe (vuga inkuru ya Bibiliya, ririmba, tanga ishikanwa). Impande zose z'imfunguzo z'ukugira abigishwa zitgerezwa kuba mu cigwa**.

1. Uguhimbaza no gusenga.
   a. Mu mashengero amwe, ni rusangi ku bavyeyi kugenda gusenga, mu gihe abana babo binjiye mu bilasi. Kuri vyo, numvise ubga mbere umupasitori avuga ati : « **Twarabicuritse, abakuze bakeneye indero kandi abana bakeneye gusenga** ».

b. Duhagaze muri Matayo 21:15-16 (hejuru) no mu bihe vy'uruyogoyogo rw'abana bisaba inguvu, guhimbaza gutegerezwa kuhaba mu guha icubahiro Umwami wacu !

2. Inyigisho za BIBILIYA
   a. Bibiliya ni karangamuntu keza ku kilasi cose no ku murwi w'imyaka uwariwo wose.
   b. Abana bategerezwa kumenyera ijambo ry'Imana. Gusohora inkuru za Bibiliya no kuvugana uko inkuru ya Bibiliya yokora mu bugingo bga buri musi.
   c. Gufasha abana gutangura guha agaciro no gukunda Bibliya. Gusunikira abana guhindukirira ijambo ry'Imana kubg'ubugingo bgabo.

3. Gusenga hamwe n'abana
   a. Si gusengera hejuru y'abana. Basobanurire isengesho icarico kandi bigishe ivyerekeye isengesho kuva muri Bibiliya.
   b. Koresha ubgoko bg'isengesho ry'abana bakunda kandi ribafasha mu gukura mw'isengesho.
   c. Kubigisha gusenga basohora ijwi hejuru n'imbere y'abandi niyo ntumbero ku bana

4. Gusangira ukwizera
   a. Abakristo bose bafise inkuru z'ukwizera izo zikora ku mutima w'Umwami wacu ku musi ku musi.
      Abana bategerezwa kwiga ivyo nabo nyene bakora.
   b. Abana bakunda kudonda inkuru no kuvuga ku vyerekeye imiryango yabo. Uguhinduka kuvyo bahagazeko kurakenewe mu kurondera inkuru z'ukwizera basangira no guha icubahiro Imana.
   c. Abana bakeneye kwiga inkuru z'ubutumwa bgiza bga Yesu basangira nk'intahe ku bandi. Ntituzigera tuba abakiri bato mu kwiga gusangira ubutumwa. Nkuko Yesu yavuze ati : « **Kandi ubu butumwa bgiza bg'Ubgami buzovugwa mw'isi yose ngo ubu butumwa bgiza bg'Ubgami buzovugwa mw'isi yose ngo bube ikimenyetso kibera icabona amahanga yose, maz'umuhero uzoca uza** » Matayo 24:14.

5. Izindi mpande z'ukugira abigishwa
   a. Ububgiriza – kwigisha abana ivyerekeye gutanga icacumi, canke gutanga amashikanwa adasanzwe ku ntumbero zishobora gushika umwanya n'umwanya.
   b. Imigambi y'ugutumwa – Abana bategerezwa gusanga imiryango yabo mu gushikira abandi mu gikorwa no mu gutumwa.
   c. Ubumwe – kwereka abana akamaro ko guhindura abagenzi mu munezero w'ukwizera muri Yesu.

C. **Uko abana biga «bifatana n'intambuko ziterambere z'abana kandi gukenera kurabga kugira ngw'inyigisho z'abana zishobore kuba zikwiranye n'imyaka yabo ikwiriye.**

1. Ukw'abana bakura baba bitegura kwinjira ibgina mu nyigisho. Umwigisha mu gikorwa c'abana ategerezwa kwitegura gushitsa intambuko zose z'inyigisho y'iterambere ry'abana.

2. Intambuko z'inyigisho y'iterambere ry'abana zitegerezwa kwongerwa k'umugambi w'ukugira abana abigishwa.

3. Kwugurura ingingo ziraba «uko twigisha abana»
   a. Abana bato b'imyaka 1-4.
   - Ishingiro ry'ukwizera ritegurwa kuva mu ntango y'ubuzima
   - Biba biraba bonyene – baremeshwa n'ugusangira umwe n'uwundi.
   - Kubaho mu ciyumviro nk'ukuri kandi bataramenya ubudasa gurtyo gushira imbere ukuri kwa Yesu na Bibiliya (akarorero : Yesu ni ukuri)
   - Mu kameremere bari n'amatsiko – gurtyo barondera kumenya uko biga
   - Ni abigishwa babona kandi bakwije. – berekere kandi koresha ibishusho n'ibibafasha kumenya babona
   - Bigishe neza mu kumenyera – Koresha ibimenyetso mu nkuru za Bibiliya

   b. Abana bakiri bato b'imyaka 5-7
   - Ishingiro ry'ukwizera ritegurwa mu gihe c'imyaka 7 y'ubuzima. Kwiyerekana ku mitima y'abana, gurtyo niho kuzoramba cane
   - Bakunda kwumva amafyeri- gurtyo bahimbaze
   - Bariyizi- bafashe kutigereranya n'abandi. Urukundo rw'Imana n'urwa bose.
   - Bafise ugukurikira kugufi – cane cane nturenze iminota 5-7 hama uce wungururiza ku kindi gikorwa
   - Baranezerwa ni vya none- gira ubugingo buhura n'inyigisho.
   - Gabanya iciyumviro ku mwanya hama utange umwanya w'ivyo baraba neza kandi vyoroshe.
   - Bifuza gutsinda kandi no kuba aba mbere igihe cose- Mukine Urukino ruhagaze kuri Bibiliya aho umwe wese ashobora gutsinda muri Yesu.

   c. Abana bakuze ku myaka 8-11
   - Ugukurikira kwabo ni kurekure – Barashobora kwakira vyinshi mu nyigisho.
   - Barashobora kwiyumvira vyinshi ku vyabo
   - Gutangura kwerekana ubushobozi mu burongozi- Bahe gutangura kurongora isengesho no gusengera abana bakiri bato.
   - Iciyumviro ciza c'akahise, na kubu na kazoza- kwigisha umurongo w'igihe ca Bibiliya.
   - Gutangura gutahura ibimenyetso nkuko bikoreshwa muri Bibiliya. - Gukoresha ibimenyetso vy'imigani ya Yesu no kuvugana insobanuro y'umugani.

D. **Guha agaciro ivyigwa nk'inkingi y'ukwizera muri Bibiliya ku rugero rw'imyaka.Ng'utu uturorero** ;

   1. Ishuli ry'imicuko (imyaka 5) – Gufata ku mutwe isengesho ry'Umwami.
   2. Urugero rwa 1 : (imyaka 6)- Kwiga amabgirizwa cumi
   3. Urugero rwa 2 : (imyaka 7) – Gufata ku mutwe ukwemera kw'intumwa

4. Urugero rwa 3 : (imyaka 8)- Kwiga urutonde rw'ibitabo vy'Isezerano Risha
5. Urugero rwa 4 : (imyaka 9) – Kwiga urutonde rw'ibitabo vyo mw'isezerano rya Kera
6. Urugero rwo 5 : (imyaka 10) – kwiga umurongo w'umwanya wa Bibiliya.

« **Mana niwe wanyigishije, uhereye mu buto bganje, kugeza n'ubu ndacavuga ibikorwa vyawe bitangaje. Mana ntumpebe kugeza no mu butama bganje meze imvi ntarabarira ab'igihe kizoza amaboko yawe. Ntarabarira abazovuka bose inkomezi zawe** »
Zaburi 71:17-18.

## UMWIMENYEREZO WO KUGIRA ABANA ABIGISHWA

Gutez'imbere umugambi wo kugira abana abigishwa mw'ishengero ryawe. Koresha ingingo z'urufunguzo rw'ukugira abigishwa nkuko bitonze mu nyigisho hama n'izindi ngingo z'ukugira abigishwa nkuko ushobora kuzihitamwo (kandi nkuko inyigisho zibikwereka). Tandukanya intumbero ku myaka canke ku rugero rw'ishuli.

## UMUGAMBI WO KUGIRA ABANA ABIGISHWA

Umwaka w'abana canke urugero mw'ishuli

| Intego yo kugira abigishwa | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Ugusenga | | | | | | |
| Ukwiga Bibiliya | | | | | | |
| Isengesho | | | | | | |
| Ugusangira ukwizera | | | | | | |
| | | | | | | |
| | | | | | | |
| | | | | | | |

## IGICE CA 6

## KUGIRA  URWARUKA ABIGISHWA

« **Ariko nizigijwe n'Umwami Yesu yuko nzobatumako Timoteyo vuba, kugira ngo nanje nze nshire umutima hamwe ni namenya ivyanyu. Simfise uwundi ari n'umutima nk'uw'uwo, yobabara ivyanyu vy'ukuri. Kuko bose barondera ivyabo, batarondera ivya Yesu Kristo. Ariko murazi ingen'uwo yagejejwe akarama, kandi  yuko, nkuk'umwana ameranira na Se ariko yakoranye nanje igikorwa co gukwiza ubutumwa bgiza**. »
Filipi 2:19-22

Timoteyo n'umusore nkuko biri muri 1 Timoteyo 4:12 (Ntihakagire ukugayira ubusore). Paulo yafashe ubusore bga Timoteyo musi y'ibaba ryiwe amwigisha kandi amugaburira mu kwizera. Urwaruka ni abasore bakuze kandi kubagira abigishwa akenshi bituma abana batera imbere mu gukura. Igikorwa c'urwaruka ku myaka 12 biciye mu myaka y'ugusaragurika, bisaba ugukurikiramwa guhambaye, gurtyo urwaruka ruzoza kuri Kristo  mu nzira iramba.

### A. Igikorwa c'urwaruka kiboneye

1. Igikorwa c'urwaruka si :
   a. Ukwinezereza
   b. Ukwiyerekana kwiza mu gisagara
   c. Indya nziza mu gisagara
   d. Ukwigana uko isi ikora ibintu

2. Igikorwa c'urwaruka  ni :
   a. Kigendeshwa mu ntumbero yuzuye mu kibanza c'ukugendeshwa n'ukumenyekana.
   b. intumbero igendeshwa  mu nzira zitatu
      - Hejuru  - gushira Imana imbere mu bumwe bg'umuntu nayo no kuyi himbaza.
      - Hagati - Kwubaka ubumwe hagati y'umwe n'uwundi mu gukuza ukwizera kwacumuri Kristo
      - Hanze – gushakisha uburyo bgo gusangira ukwizera kwacu muri Kristo

   c. Ng'ibi bice icenda bigize intego igendeshwa n'ibihe vy'urwaruka
      1) Ubushobozi bg'Imana  niho buri
      2) Intego y'Imana iriyerekana
      3) Gushikira  umbonano ushoboka ugororoste
      4) Programa zerekana imigabo n'intumbero
      5) Inzira yo gushira programa hamwe bizobungabunga intego  mu vyiyumviro.
      6) Imigenzo iteganijwe izoba iboneye kandi ihuza
      7) Abavyeyi bazoba bazi amakuru  neza kandi rimwe na rimwe babijemwo.
      8) Abarongozi barimwo bazoba ariho  bari kandi barongoye  umunezero.
      9) Ukwihangana no kubikurikirana azoba ari ibgirizwa

B. **Ugutezimbere imisore y'imiyabaga**

Abantu bimiyabaga b'imyaka 10-15 baca mu guhindagurika kunyaruka kurekure k'umuntu wese kuruta ibindi bihe mu bugingo bgabo. (ugukura mu bgana bifata igihe, ariko abana ntibazi ivy'uguterimbere kwabo) Ibihimba bimwe vy'iterambere ry'urwaruka n'ibi.

1. Uguhindagurika hagati mubo bangana babo.
   a. Uguhinduka gushika mu bihe bitandukanye
   b. Ubuyabaga bumenyerwa mu bihe bidasa no ku rugero rudasa.
   c. Umwitwarariko w'ubutunzi rusangi
   d. Ibibega birazwi
   e. Akaronda kongerako umwitwarariko canke ibibazo

2. Guhingura ibibaraba ku vyerekeye ibisayangana n'ishusho y'umubiri
3. Icifuzo c'ukwemerwa n'abo bangana

4. Abavyeyi bafata ububasha bga mbere no kubandanya nk'isoko yabo y'agaciro k'ukubaho.

5. Imvo zo kwiyumvira zirahinduka – hamwe n'urugero rwo kwiyumvira vyinshi ku vyabo.

6. Ibibakikije n'ibivugamakuru bitangura kugira imvururu nini ku duciro twabo.

C. **Ni gute urwaruka rwiga**

Umushinge w'ukwizera Imana canke ikindi kintu werekanwa mu gihe c'imyaka indwi ya mbere y'ubugingo. Ku mwanya abanyeshuli binjiye mu gikorwa c'urwaruka (mu myaka 12). Bazogira ukwizera gushinzwe mu mitima yabo no mu vyiyumviro. Inyigisho z'ubushakashatsi b'abahinga zarerekanye ko urwaruka rwiga neza mu bisata bitanu :

1. Urwaruka rukenera «kwiyumva neza» no kwiga bikwiye. Ukwiyumva n'ishingiro ryo kwiga ku bantu b'urwaruka. Ukwiyumva kwabo gukora nko kubarongora berekeza mu bihe vyiza kandi kure ya bamwe babi.

2. Urwaruka rusanga vyoroshe kwiga mu gihe inyigisho zikwiriye kuri bo. Ubgonko burugara mu gihe abanyeshuli bigishwa inkuru itabereye intego zabo bgite.

3. Biroroshe k'urwaruka rwiga igihe ibidukikije bikora. Ukwinjira mu nyigisho z'igihe birakenewe mu kwigishwa. Ubgonko bg'umunyeshuli buriyerekana ku nkuru atari nzima kuri bo canke ataco zisahuye ku gateka kabo.
   Ugusangira mu kwiga canke mmu guhabga inyigisho birafasha.

4. Urwaruka rukeneye gukora mu bubangutsi bgabo bg'umwanya. Ukumenyera kw'urwaruka, mu mwanya uko bikuka bihingura uguhuza mu bgonko bgabo. Uguhuza gukoreshwa vyinshi akenshi n'ugukomezwa kandi abandi bari bari mu ntege nke. Ukwiga bikenera kubandanya kubikomeza. Nkuko bivugwa «bikoreshe canke bitakaze»
   « **Ariko weho ugume muvyo wize, ukavyizezwa, kuk'uzi abakwigishije, kand'uzi yuk'uhereye mu buto bgawe wamye uzi ivyanditswe vyera bishobora kukumenyesha ubgenge bgo kukuzanira agakiza gaheshwa no kwizera Kristo Yesu** » 2 Timoteyo 3:14-15.

5. Ukwigisha urwaruka bisaba ukubashigikira igihe cose. Kubashigikira no kubahanura bifasha ukwigishwa gukomezwa kandi gushitswa k'ukumenyera k'umuntu wese ubgiwe. Amajambere ashobora gusuzumwa neza igihe abanyeshuli bamenyerezwa hose mu nzira y'inyigisho. Ukuremeshwa nakwo nyene ni nkenerwa mu kugaburira ukuberwa kwabo.
   « **Ntihakagire ukugayira ubusore, arik'ubere abizera icitegererezo mu vy'uvuga, no mu ngeso zawe, no mu rukundo, no mu kwizera, no ku mutima utanduye. Gushitsa aho nzozira wame ugira umwete wo gusomera abantu no kubahanura no kubigisha. Ntiwanjanjwe ku ngabire iri muri wewe imwe waheshwa n'ivy'abavugishwa n'Imana mu kurambikwakw'ibiganza vy'abakuru. Ivyo ubishire k'umwete, uvyamemwo, kugira ngo kuja imbere kwawe kubonekere bose. Wirinde ubgawe no kuvyo wigisha. Wame ushishikara ivyo ; kuko niwagira urtyo uzokwikizanya n'abakwumva**. » 1 Timoteyo 4:12-16.

D. **Intego zihoraho z'ukugira urwaruka abigishwa.**

1. Gushira ukwizera rukristo kwabo mu gisata cose c'ubugingo.
   a. Ugushimagiza – Guhimbaza Imana mw'ijambo no mu ndirimbo
   b. Isengesho - Kuyaga ubgawe na Kristo
   c. Fellowship - Kwubaka ubugenzi rukristo
   d. Ukwiga Bibiliya – Kwiga ijambo ry'Imana no kurishira mu bugingo buri musi.
   e. Igikorwa – gukorera abandi kugira ng'urukundo rw'Imana rushobore kubonwa na bose.
   f. Ugukwiza ubutumwa – Gusangira inkuru nziza n'abatari abakristo.

2. Kuganira ku vyerekeye ibibazo vy'ihagararako.
   a. Inyungu z'inyifato y'amagara (ukudahumana, intango nziza)
   b. Impanuka n'ingaruka z'inyifato y'amagara mabi (ibiyovya bgenge ; ibiboreza, igistina, uguhungabana)
   c. Guha agaciro ubudasa hagati y'ikigeragezo n'icaha
      - Ikigeragezo n'umwansi adodoye ku rugi
      - Icaha gishika igihe umuntu yuguruye urugi, agatumira umwansi.
      - Gusangira ivyanditswe nk'uku :

« **Nta cabagerageje kitar'ic'umuntu yoshobora kwihanganira arikw'Imana n'iyo kwizigirwa ntizobakundira ko mu geragezwa n'ibiruta ivyo mushobora, ariko hamwe n'ikibagerageza izobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira** » 1 Korinto 10:13

« **N'uko mugamburukira Imana, ariko murwanye wa murwanizi, nawe azobahunga** » Yakobo 4:7

d. Gufata ingingo nziza, hakubiyemwo
- Urubanza rwiza (raba zaburi 119:9,11)
- Ukurema (Raba Filipi 4:13)
- Iteka (Raba Roma 12:9-11)

3. Kuba abarongozi kubg'impamvu ya Kristo
   a. Rondera ugukura mu Mpwemu- Ubga mbere kwiga hama kwigisha abandi bushasha mu kwizera
   b. Kugira umutima w'umukozi – rondera abantu n'ibibanza bikeneye ubufasha.
   c. Kwubaka ububangutsi bg'abantu – ba uwumviriza mwiza, shira hejuru ugukorana neza no gukinga ibibazo.
   d. Kwiga kurongora amashimwe, amasengesho hama n'ukwiga Bibiliya – Urwaruka rurongoye igikorwa
   e. Urwaruka ni imiyabaga y'abigishwa yigira kuzovamwo abigisha. Igikorwa gikuru muri Matayo 28 :19-20

Bizobaviramwo « **Genda muhindure amahanga yose abigishwa banje, …. Mubigishe kwubaha icarico cose mbagera** ».

E. **Guteza imbere uruvyaro rukurikira rw'abarongozi b'ishengero.**

1. Abarongozi b'ejo ni urwaruka rw'uno munsi
   a. Abarongozi b'ishengero y'uno musi bateguwe mu 1950-1960 na 1970 n'imyaka ikurikirako.
      - Gusomborotsa intambara y'isi yose ya II, intambara ikanye
      - Akamaro k'ukwubaha, k'igikorwa, n'ugushingwa ibikorwa.

   b. Abarongozi b'ejo bateguwe mu 1980,1990 n'ubu.
      - Basunika ukudakosora ivya politique, ivy'iterabgoba
      - Agaciro k'ukwikunda, gusomborotsa ubutegetsi no kwagiriza abandi

   c. Ntidushobora kubihagarika gushika, ariko dushobora kubisunikira abo bazokwikangurira uburongozi.

2. Ico urwaruka rudashaka uno musi ruzobihindura ejo.
   a. Urwaruka rurasunikirwa mu rudubi kuruta gusunikirwa mu buryo bgiza
      - Ntibatahura neza vy'ukuri ivyo bakunda ariko barazi ico badakunda
      - Bazoshaka guhindura ivyo badakunda

b. Uruvyaro rwose rushaka kuba rwiza kuruta urwa mbere
    - Hariho uguterimbere kubandanya muciyumviro rusangi
    - Uruvyaro rwose rushaka kugira intererano k'umuco

3. Kwigisha urwaruka ingingo za Bibiliya, atari imigenzo y'ishengero.
    a. Gutumbera ivy'ukuri bihoraho, atari ivyizerwa vy'igihe gito
    b. Reka ubushobozi bg'Ijambo bubakwegeremwo, atari imigenzo canke imikorere.
    c. Reka ibikorwa vyacu bigerwe n'ivyanditswe atari ivyiyumviro vyakozwe n'umwana w'umuntu.
    Niba tugomba guhindura kazoza, dutegerezwa gusunika urwaruka rw'uno musi.

Mwibuke akamaro k'Umwami ku rwaruka. Imana yahisemwo Dawidi, umuto muri benewabo bose, kuba umwami.

« **Ca gihe wabaririye abakunzi bawe nko mu nzozi, nti natabaye umunyenkomezi. Nashize hejuru uwatoranijwe mu bantu. Nabonye Dawidi umusavyi wanje. Namurobanuje amavuta yanje yera. Ikiganza canke kizokwama Kibana nawe, ukuboko kwanje kuzomuha inkomezi**. » Zaburi 89:19-21.

## UMWIMENYEREZO W'UKUGIRA URWARUKA ABIGISHWA

Gira urutonde rw'ingingo nkuru zizofaha ishengero ryawe n'igikorwa c'urwaruka.

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

Iciyumviro c'ubgenge c'umuntu n'uwundi mu vyiyumviro k'ugukura kw'igikorwa c'urwaruka mu mashengero yanyu.

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

## IGICE CA 7

## KUGIRA ABAGABO ABIGISHWA

« **Kandi ariwe azohinduka ihanga rinini rikomeye, amahanga yose yo mw'isi akazoherwa umugisha muri we ? Kukw'ariwe nahisemwo kugira ngw'aze yihanikirize abana biwe n'ab'inzu yiwe bazokwaruka hanyuma ngo bakomeze inzira yanje, bakore ibiroranye n'ibigororotse kugira ngo Jewe Uhoraho nshitse kuri Aburahamu ivyo namuvuzeko**. » Itanguriro 18:18-19.

Mu ntango Imana yahaye abagabo uburenganzira bg'uburongozi mu muryango, mw'ishengero no mu gihugu muri rusangi. Mw'Isezerano rya Kera, Bibiliya irashinga neza k'umugabo yaremwe ubga mbere mw'ishushe ya Adamu kandi Eva yaremwe nk'umufasha wiwe (**Itanguriro 2:18**). Mw'Isezerano Risha abagabo bahawe uburenganzira bgo kuba imitwe y'imiryango yabo kandi bategerezwa gukunda abagore babo nkuko Kristo yakunze ishengero. (**Efeso 5:23**). Aho rero, mu rukurikirane rw'uburenganzira mu Mana, abagabo bashirwa mu kibanza c'uburongozi hama ni ngombga ko bigishwa kuba abarongozi mu Mpwemu. Ni uburenganzira bwa ba Se kugira abana babo abigishwa hama, gurtyo ishengero ritegerezwa kujamwo mu nzira ya kugira abagabo abigishwa, gurtyo bagatunganywa hama bagashigikira ico gikorwa. Abagabo benshi barasiba mw'ishengero kuko akenshi baraba uburenganzira bga mbere bgabo nk'igikorwa kugira ngo bategurire imiryango yabo, ariko uburongozi bw'impwemu burakomeye cane hama gurtyo abagabo bategerezwa kuba abigishwa muri ubgo burenganzira.

Iki nico gikorwa kiri muri kino gice.

A. **Abagabo bafise igikorwa mu mugambi w'Imana**

1. Kuba abarongozi

« **Kuk'umugabo ariwe mutwe w'umugore wiwe, kuko Kristo nawe ari umutwe w'ishengero akaba umukiza waryo ariwo mubiri wiwe** » Efeso 5:23

a. Umuryango
b. Ishengero
c. Igihugu
d. Isi

2. Kuba abateganya

« **Abarira Adamu nawe ati ko wumviye umugore wawe, ukarya ku giti nari narakubujije, nti ntuze ukiryeko, uzaniye ivu umuvumo, uzokwama urya ibirivamwo ubiruhiye, imisi yose y'ukubaho kwawe** » Itanguriro 3:17

a. Gukora
b. Kurondera ibikenerwa vy'imiryango yabo.

3. Kuba abigisha

« **Namwe ba Se, ntimukaratse abana banyu, ariko mubarere, mubahana mubahanurauk'Umwami wacu agomba** » Efeso 6:4

a. Kubandanya ubumenyi
b. Kubandanya ukwizera

B. **Gushikira abagabo ni ikigoye ku bukristo**

1. Satani aratera abarongozi

« **Mwirinde ibiboreza, mwame mugavye, umurezi wanyu, ariwe wa Murwanizi agendagenda nk'intambge yivuga, arondera uwo arotsa** » 1 Petero 5:8

a. Iyo unyuranije n'umugabo, uba unyuranije n'ishengero
b. Iyo unyuranije n'umugabo, uba unyuranije n'umuryango

2. Abagabo n'igikorwa c'icitegererezo c'abana

« **Kand'abgira abigishwa biwe ati ibitsitaza abantu ntibizobura kuza arik'ubizana azobona ibara. Ivyoba vyiza n'uko yohambiririwa urusyo ruremereye kw'izosi agatererwa mu kiyaga, hakw'atsitaza n'umwe mur'aba bato** » Luka 17:1-2

a. Abana baraba abagabo, uburorero bg'inyifato ya ba Se
b. Abagabo babonekako ibirenze n'amajambo yabo

3. Abagabo n'igikorwa c'ivyitegererezo mu bantu

« **Wirinde ubgawe no kuvyo wigisha. Wame ushishikara ivyo, kuko niwagira urtyo uzokwikizanya n'abakwumva** » 1 Timoteyo 4:16

a. Abagabo baraba abarongozi b'abantu kubona uko bitwara canke bakora
b. Ivyo abantu batangira uburenganzira akenshi biteye ubgoba kuruta ivyo amategekoyemeza.

C. **Imitego n'intambanyi zo gushikira abagabo**

1. Abagabo barigenga
   a. Bakunda kugenzura vyose
   b. Bashaka guhitamwo ivyo bagomba
   c. Bashaka gutunganya ingorane zabo bonyene
      - Ntibasaba ubufasha canke ukuyoborwa
      - Bizera ko bashobora kugera aho batatura ibintu

2. Abagabo ni umwuga & igikorwa gitunganijwe
   a. Bafise ikibaranga cabo kivuye mu buzi bgabo
      - Akazi kabo akenshi gasobanura ico bari
      - Iyo batakaje akazi kabo, baba batakaje ikibaranga cabo

b. Babona igikorwa cabo ca mbere nk'umuryango
    - Ivyinjira
    - Muhira canke icugamo

3. Abagabo bahura n'ibigeragezo vyinshi.

« **Nta cabagerageje kitar'ic'umuntu yoshobora kwihanganira arikw'Imana n'iyo kwizigirwa ntizobakundira ko mugeragezwa n'ibiruta ivyo mushobora, ariko hamwe n'ikibagerageza nzobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira** » 1 Korinto 10:13

a. Igitsina
    - Ukunezerwa mu mubiri

b. Amafranga
    - Umutanzi w'umunezero

c. Ubushobozi
    - Ukugenzura umunezero

D. **Uburyo bgo kugira abagabo abigishwa**

1. Kurema ihuriro
    a. Muvy'imibano
        - Inyungu rusangi (ak. inkino, umuziki etc..)
        - Ibikorwa vy'umubiri (ak. Ukwubaka, ugusanura)

    b. Kunonora imitsi (sport)
        - Ukuja mu mirwi
        - Gusamara canke kuraba ibiriko biraba
    c. Ibikorwa bifatana
        - N'imyuga bakora
        - Indero canke ubumenyi bukoreshwa mu gikorwa

2. Kwigisha ubushobozi bg'Ivyandistwe
    a. Umuhamagaro w'umuntu n'intego

« **N'umuntu wese yitiririrwa izina ryanje, uwo naremeye icubahiro canje, naramubumvye mbere naramuremye** » Yesaya 43:7

b. Umuntu ntashobora gukorera abatware babiri.

« **Nta wusaba abami babiri : kuko yokwanka umwe, agakunda uwundi, canke yogumakur'umwe akagaya wa wundi. Ntushobora gusaba Imana n'itunga** »
Matayo 6:24

3. Gutezimbere ibihe biriho

   a. Amakoraniro y'abagabo (ku kwezi ku kwezi)
   b. Ivyigwa vya Bibiliya (ku ndwi ku ndwi)
   c. Imyiherero y'abagabo ( ku mwaka ku mwaka)
   d. Ibikorwa vy'ukunonora imitsi vy'abagabo (golf, tennis, umupira, ukuroba n'ibindi)
   e. Ivyabaye mu gikorwa cabo
      - Ivyabaye rukristo vy'abagabo (ak.)
      - Ukwubaka inzu y'abantu
      - Kugaburira abatagira aho baba
   f. Ivyabaye mu mibano y'abagabo
      - Se/n'umuhungu canke se/n'umukobga mu masoroti
      - Kuraba inkino z'imipira y'amaboko, y'amaguru.
      - Kuraba ibikino n'amasinema rukrito.

4. Gushikira abagabo umwe umwe wese ku giti ciwe.
   a. Gukoresha ubutumire kuri wese
      - Abagabo ntibagomba kuza mu vy'imibano kiretse bazi uwundi muntu bazi ko yaje.
      - Abagabo akenshi ntibaza ku butumire rusangi
   b. Iteho guhanura abandi bagabo
      - Rondera abagabo ushaka kugira abigishwa
      - Wiyemeze kubatumira kujana nawe

5. Ureme ibintu bihura n'inyungu z'abagabo canke ibibagora
   a. Akazi
   b. Umuryango
   c. Akamaro
   d. Ukuronka
   e. Ukwizera
   f. Ibigeragezo

**UMWIMENYEREZO WO KUGIRA ABAGABO ABIGISHWA**

I. Tondesha intego nkeya z'ukugira abagabo abigishwa mw'ishengero ryawe canke igikorwa cawe ?

1. ______________________________
2. ______________________________
3. ______________________________
4. ______________________________
5. ______________________________

II. Andika ibikorwa bimwe bimwe vyo gufasha gushitsa intego watondesheje aho hejuru ?

1. ______________________________
2. ______________________________
3. ______________________________
4. ______________________________
5. ______________________________
6. ______________________________
7. ______________________________
8. ______________________________
9. ______________________________
10. ______________________________

III. Ni intandaro izihe ushobora kurema canke gukoresha mu kugira abagabo abigishwa mw'ishengero ryawe canke mu gikorwa cawe ?

1. ______________________________
2. ______________________________
3. ______________________________
4. ______________________________
5. ______________________________

**IGICE CA 8**

**KUGIRA ABAGORE ABIGISHWA**

« **N'abatamakazi nyene ; ubabgire bagende nkuko bibereye abera, batarementaniriza abandi, batanohorwa imitima na vino nyinshi bigisha ivyiza. Kugira ngo batoze abagore bakiri bato ubgenge bgo gukunda abagabo babo n'abana babo ; no kudahugumba, no kwirinda ubgeruzi no kwubaka ingo zabo, no kuba inda nziza, bagororokere abagabo babo kugira ngw'Ijambo ry'Imana ntiritukwe** » Tito 2:3-5

Abagore n'abantu bakora cane ivyo beretswe, ariko ingorane amashengero menshi agizwe n'abagore ku bikorwa nko kuvuza inanga, kwigisha abana, gukora mu mashuli, kurera utwana dutoya, gutanga ibifungurwa, gusukura aho bakoreye imisi mikuru n'ibindi). Turashobora kubona mu gitabo ca Tito aho hejuru kw'ari ngombga kugaburira ukwizera kw'abagore no gusangira Ijambo ry'Imana.

A. **Uburorero bga Bibiliya mu kugira abagore abigishwa.**

1. Abagore ni abafasha
   Itanguriro 2 :18 – Uhoraho Imana aravuga : « **ati si vyiza k'uyu muntu yibanawenyene, hinge ndamuronderere umufasha bikwiranye** ».

   a. Abagore baremanywe n'ingabire y'ugufasha
   b. Birakwiriye ku bagore kugira abagenzi no gufasha abagabo

2. Abagore bazi Imana bategerezwa kwitonda
   1 Timoteyo 2 :9-10 « **Kandi n'abagore nyene, ndagomba ko bambara inyambaro biberanye, bagendane isoni badahugumba kandi badashazisha gutsiba umushatsi cankeizahabu, canke imaragarita cank' impuzu z'igiciro kinini ariko bashazishe ibikorwa vy'ingeso nziza nkuko bikwiye abagore bavuga yuko bubaha Imana** ».

   a. Abagore bategerezwa kuba bitonda mu mboneko yabo
   b. Mu gishingo co kwambara impuzu zizimvye abagore bategerezwa kwambara ibikorwavyiza.

3. Abagore ni abakurikira Yesu.

Matayo 27:55 « **Hariho n'abagore benshi bari kure babiraba nibo bakurikiye Yesu ava iGalilaya, bamukorera** »

a. Abagore bakurikira Yesu, niho bari bari bamufasha ku vya nkenerwa vyiwe
b. Abagore bategerezwa kwubaha Umucunguzi n'ingabire yabo y'ubufasha.
c. Abagore niho bari kwumva amajambo ya Yesu no gukura mu kwizera.

4. Abagore bakeneye kuraba uburenganzira bgabo bg'ivy'impwemu.

Luka 10:38-42 « **Maze bariko baragenda bashika mu mihana, umugore yitwa Marita aramwakira amushikiza mu nzu yiwe. Uwo yar'afise mwene nyina yitwa Mariya, yicara imbere y'ibirenge vy'Umwami Yesu, yumva ijambo ryiwe. Ariko Marita ahagarikira umutima kuzimana vyinshi, aramwegera aramubgira ati mugenzi ntibikubabaje yuko mwene mama yantereranye ibikorwa ? Nuko mubarire amfashe. Umwami Yesu aramwishura ati Marita uriganyira wigora muri vyinshi arik'ibikwiye rwose ni kimwe kuko Mariya ahisemw'umugabane mwiza atazokwakwa** ».

a. Mariya yumvirije inyigisho za Yesu kandi ivyo n'akarorero ku bagore.
b. Yesu yatwigishije ko naho abagore bakora vyiza mu kwumviriza ijambo ry'Umwami n'abakozi basamazwa canke batwarwa na vyinshi birenze ivyo bakora

5. Abagore bategerezwa kuba intwari mu kwizera
   Matayo 15:21-28 « **Yesu arahava aja ahegereye muri Tiro ni Sidoni umunyakananikazi ava mu ntara yabo aratakamba, ati ngirira imbabazi se mugenzi, mwana wa Dawidi, umukobga wanje afashwe nabi na dayimoni. Nawe ntiyamwishura ijambo na rimwe. Abigishwa biwe baza kuri we, baramwinginga bati murungike kukw'agenda aradusemerera inyuma. Arabishura ati sinatumwe ku bandi atari ku ntama zazimiye z'inzu ya Isirayeli. Amushikiriye aramufukamira ati ntabara se Mugenzi. Aramwishura ati si vyiza kwabira umutsima w'abana ukawuterera utubga. Nawe ati nkako mugenzi kuko utubga natwo twirira utuvunguka dukorokera musi y'ameza ya ba nyene two. Buno Yesu aramwishura at'ukwizera kwawe ni kwinshi nyina wanje bikubere nk'ukugomba. Umukobga wiwe aca akira uwo mwanya** ».

   a. Umunyakananikazi yari hanganye aca bugufi, aba intwari n'ukwizera kudatirimuka
   b. Yesu yavuze ati ukwizera kwawe ni kwinshi kandi ivyo ni akarorero ku bagore b'uno musi.

6. Abagore barerekana urukundo rwabo ku Mwami. Luka 7:37-38 na 44-47 « **Umugore wo muri ico gisagara yar'umunyavyaha, amenye yukw'arira mu nzu y'uwo mufarisayo, azana ikebano ry'amavuta atamirana, ahagarara inyuma yiwe, hafi y'ibirenge vyiwe, arira atangura kumutonyangirizako amosozi ku birenge, abihanaguza umushatsi wiwe, arabisomagura, abisiga ya mavuta….. ahindukiriye wa mugore abgira Simoni at'urabona uyu mugore ? Ninjiye mu nzu yawe ntiwampa amazi yo kwoga ibirenge, arik'uyu antonyangirije amosozi ku birenge, abihanaguje umushatsi wiwe. Ntiwansomye ariko uyu uhereye aho ninjiriye ntiyasizeho kunsomagura ibirenge, ntiwansutse amavuta ku mutwe, arik'uyu ansize amavuta atamirana ku birenge. Iki nico gitumye nkubgira yukw'ahariwe vya vyaha vyiwe vyinshi kuko yagize urukundo rwinshi arik'uhariwe bike agira urukundo ruke** »

   a. Umugore w'umunyavyaha yasize amavuta Yesu yatanze kw'ikimazi vyose yashobora kuri Yesu.

    b. Umugenzo wari amavuta makeya azimbutse yo gusuka ku mutwe
    c. Akarorero kiwe kategerezwa kwugurura ikigongwe c'Umwami Yesu.
    d. Yesu yaramukoresheje nk'akarorero kuko urukundo rwiwe rwabaye imvaho kandi rukomeye.

7. Abagore n'abarongozi

   Ivyakozwe 16:14-15,40 « **Umugore umwe yitwa Ludiya umudandaza w'impuzu z'inyambarabami wo mu gisagara citwa Tuwatira, yubaha Imana aratwumviriza. Umwami Yesu amwugurura umutima kugira ngw'awushire ku vyo Paulo yavuga. Amaze kubatizanywa nabo mu nzu yiwe, aratwinginga at'asangwa mubonye nd'uwizeye Umwami Yesu ni muze iwanje musembereho. Aratugobera…Bavuye mw'ibohero baja kwa Ludiya barinjira. Bamaze kubona bene Data, barabahanurabavayo** »
    a. Abagore bashobora kuba abarongozi b'ingo
    b. Abagore bashobora kuba abarongozi b'ukwizera

8. Abagore bafise ingeso ziroranye (Raba imigani 31:10-31)
    a. Umugore w'ingeso ziroranye agira ubugiraneza kuri bose
    b. Akorana ubgira, aronka inyungu kandi ashiramwo umutahe
    c. Afasha aboro n'abakene, yerekana inkomez n'ukwemerwa
    d. Arakerebutse kandi akigisha abandi
    e. Umuryango wiwe uramwubaha kand'arubaha Umwami

B. **Imitego n'intambamyi mu kugira abagore abigishwa**

1. Abagore barashobora kurushiriza kutigenga kuruta kugira ubgigenge
2. Abagore akenshi ni bo ba mbere bacungera abana kandi bakenera kurera abana babo mu bikorwa no mu mashure.
3. Abagore bafise ubucuti kandi bashobora kwerekana ibibazo bifatana n'ubucuti
4. Abagore bahura n'ibibarindiriye vy'umuco (ubgiza, ibisayangana uburemere, uburinganire etc…).
5. Abagore bashobora gupima imuhira, umuryango n'ubuzi. Intambanyi zishobora kubamwo : ibihembo, ugutunganiriza umuryango, uburwayi n'ingene umwanya utunganijwe.
6. Abagore bahura n'imvo z'ivyaha bifatana no gusakuza, n'uruhendo n'ukwifuza, no guca imanza.
7. Abagore bashobora kurondera ibikorwa kanaka bivuga ibibazo n'intambanyi bahura nazo mu buzima.

C. **Ibisata twoshimikirako mu kugira abagore abigishwa**

1. Ivyigwa vya Bibiliya
2. Ubumwe mu gikorwa
3. Imirwi y'amasengesho
4. Inguvu zerekeza ku mukozi

5. Imirwi idasanzwe (aho abakenyezi bafise ibintu basangiye)
6. Guhanura (umugore ku mugore)
7. Ukuvuga ubutumwa. Gusangira ivya Kristo hamwe n'abandi bagore.

D. **Ivyiyumviro vy'igikorwa mu mirwi y'abagore**

1. Imirwi iriho
   a. Abamama bakora – abavyeyi bafise akazi
   b. Aba mama bo muhira – aba mama b'abana bakuze
   c. Gufasha n'amaboko – Gukora ibikenerwa mw'ishengero canke mu bo hanze
   d. Umurwi w'abagore batagira abagabo
   e. Gufasha ubuvuzi- Ku bagore bafise amagara arwaye canke bari mu mubabaro w'ukubura.
   f. Imirwi y'ubuhinga bgo gusenga (ku muziki, utugenegene

2. Ibiba mu bikorwa
   a) Imisi mikuru y'abana na ba nyina canke ibihe vy'icayi
   b) Imyiherero yo gusenga canke kuja mu makambi
   c) Kugundura ingabire zawe z'impwemu
   d) Kugira igihe c'ubumwe mu buruhuko budasanzwe
   e) Ibihe ivyo kunonora imitsi – kujamwo canke kuja kurorera aho banonora imitsi

E. **Gutezimbere igikorwa c'abagore mu gutumwa**

1. Abantu barerekezwa – gufashanya umwe ku wundi
2. Bashinzwe mw'Ijambo ry'Imana- kubigisha Ivyanditswe
3. Abahizi b'amasengesho – amasengesho abandanya
4. Gushikira abatarizera
5. Gusunika uruvyaro rukurikira rw'abagore
6. Gukorera abari mu bukene
7. Kuninahaza Umukiza
8. Gutunganya aberanda
9. Ugukura mu kwizera
10. Kumenyera ubushobozi bga Mpwemu yera – Kuzana uguhinduka mu bugingo bg'abagore

« **Umugore aroranye ninde yomuronka ? Akazuru gusa karahendana, n'ubgiza bgo kurukoba ntaco bumaze** » Imigani 31:10,30

## UMWIMENYEREZO WO KUGIRA ABAGORE ABIGISHWA

Gira integuro y'igikorwa c'abagore, mu kwishura ibibazo bikurikira. Vugana ivyiyumviro hagati y'umwe n'uwundi.

1. Tezimbere ikigabane c'ugutumwa kw'abagore mu gikorwa mw'ishengero ryawe.

2. Mbega urafise intego yo kugira abigishwa, niyo ugukura kw'ivy'impwemu ku bagore.

3. Sobanura programme nshasha zibiri ku bagore zishobora gutangura mw'ishengero ryawe. Shinga intumbero y'imwe yose, abarongozi bashoboka hamwe n'ababafasha.

## IGIHIMBA CA 3

## KUGIRA ISHENGERO ABIGISHWA



## IGICE CA 9

## INTEGURO YO KUGIRA ABIGISHWA

« **Uremeke Uhoraho ibikorwa vyawe niho imigabo yawe izokomera** »
Imigani 16:3

Ibgirizwa rikuru Yesu yahaye abigishwa biwe muri Matayo 28:19 ryari «Genda muhindure amahanga yose abigishwa banje» Ivyo bitujako twese twebge uno musi. Iyo niyo ntumbero y'Ishengero niyo mpamvu ririho. Rero nimba kugira abigishwa ariyo ntego y'ishengero, aho ishengero ritegerezwa kugira integuro y'ingene rizoshitsa iyo ntego. Rero akenshi amashengero yibanda ku bikorwa yizigira ko bizorema abigishwa ; ariko bitezimbere buhoro, kandi bigakora umugambi wo gukora gurtyo. Vyategerezwa ko ishengero rigira umugambi w'ingene rigenda kugira abigishwa no kubangikanya kugenda rikora ibintu bivyara inyungu. Bisobanura kandi ko ategerezwa gutezimbere ingingo n'ukwegeranya ibibonetse bihura bishobora gufasha kwerekana niba kugira abigishwa vyarafashe ikibanza canke bitagifashe. Ata ntego, umugambi n'ingingo zimwe, ishengero ntirishobora kuvuga niba kugira abigishwa vyarakoretse.

A. **Kugira abigishwa ni intego y'ishengero**

1. Yesu yavuze ati «Genda muhindure abigishwa»
    a. Nico kintu c'ingirakamaro kuruta
    b. Nico Yesu yamaze ko umwanya munini mu gikorwa ciwe

2. Kugira abigishwa n'urugendo rw'ugukora
    a. Hariho intambuko nyinshi
    b. Bifata umwanya
    c. Birashikira umuntu wese
    d. Bisaba ukujamwo

3. Amashengero akeneye umugambi wo kugira abigishwa
    a. Kwimurira abantu muri uyo mugambi
    b. Gupima ivyavuyemwo
    c. Gushiramwo umwete
    d. Kunanirwa kugira umugambi, no kugira umugambi ukananirwa(Dogiteri Robert Schuller)

4. Kugira abigishwa n'ukwamizako
    a. Abigishwa bahindura abigishwa
    b. Umugambi wo kugira abigishwa ntuhera mu gihe abigishwa batarashobora guhindura abandi.

B. **Ibimenyetso vy'ukugira abigishwa**

Mbega umwigishwa asa gute ? Raba ibimenyetso 7 vyo kurondera abigishwa.

1. **Uguhimbaza**

« **Yesu yaravuze ati : Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n'ubugingobganyu bgose n'ubgenge bganyu bgose** » Matayo 22:37

a. Umwigisha aramenya Imana nk'Iyihambaye
b. Umwigishwa aha Imana icubahiro imisi yose
c. Umwigishwa asenga Imana igihe cose.

2. **Ukwiga Bibiliya**

« **Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu no kumuhana no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka kugira ng'umuntu w'Imana abe uwushitse, afise ibimukwiye vyose, ng'akore igikorwa ciza cose** » 2 Timoteyo 3:16-17.

a. Umwigisha yiga imisi yose inzira y'Imana
b. Umwigigishwa yiga imisi yose ubwitonzi bg'Imana
c. Umwigishwa araba inyishu mw'Ijambo ry'Imana

3. **Amasengesho**

« **Musenge ubudasiba** » 1 Tesalonika 5:17

a. Umwigishwa avugana n'Imana kenshi
b. Umwigishwa aba mu Mpwemu
c. Umwigishwa arondera ubugombe bg'Imana ku bugingo bgiwe

4. **Igikorwa**

« **Murushirize imisi yose gukora ibikorwa y'Umwami wacu kuko muzi yuko ubutame bganyu atar'ubusa mu Mwami** » 1 Korinto 15:58

a. Umwigishwa akorera umubiri wa Kristo
b. Umwigishwa arondera inzira zo gukorera abandi
c. Umwigishwa akurikira akarorero ka Yesu.

5. **Ugutumwa & intahe**

« **Ariko muzohabga ubushobozi Mpwemu yera niyabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, ni Yudaya hose, ni Samariya, no gushitsa ku mpera y'isi** » Ivyak 1:8

a. Umwigishwa abgira abandi ivyo Imana yakoze
b. Umwigishwa agenda aho Imana imurongora kuja
c. Umwigishwa agira abandi abigishwa.

6. **<u>Ukwizera</u>**

« **Kuko tugenda turongorwa n'ukwizera, ntiturongorwa n'ivyo tubona** » 2 Korinto 5:7

a. Umwigishwa abayeho ku kwizera
b. Umwigishwa yizigira Imana
c. Umwigishwa ahagarara mu kwizera mu bihe vy'amakuba

7. **<u>Ubumwe</u>**

« **Namwe muri umubiri wa Kristo, kand'umuntu wese wo muri mwebge n'urugingo rwawo** » 1 Korinto 12:27

a. Umwigishwa arimwo ubgiwe mu bugingo bg'ishengero
b. Umwigishwa yifuza kuba hamwe no gushigikira abandi bakristo.
c. Umwigishwa abona ubumwe nk'uruhara rukwiye rw'ukwizera kwabo

C. **Gutegura inzira y'ukugira abigishwa**

Erekana inzira yo gukoresha mu kugira abigishwa

Intambuko ya 1 : Ubutumrire bgo guhura no kwemera Yesu

- Gutumira kw'ishengero
- Gutumira muhira mu kwiga Bibiliya mu murwi
- Bareke bamenyere ukubaho kwa Mpwemu yera mu bantu baremeshe mu kwatura ukwizera kwabo mu bantu.

Intambuko ya 2 Bahamagarire <u>ukwiga Bibiliya</u>

- Kugenderera ibilasi vy'abashasha
- Gushigikira ugusoma Bibiliya ku musi ku musi
- Kugendera ivyigwa vya Bibiliya bidasanzwe mw'ishengero canke ahandi hose.

Intambuko ya 3 : Kuremesha ubugingo <u>bg'amasengesho</u>

- Guteganya ukwigisha amasengesho
- Kubashira mu gikorwa c'amasengesho

Intambuko ya 4 : Bashiremwo <u>mu gikorwa</u>

- Bareke bakore mw'ishengero ku rugero rubayabaye
- Koresha ingabire za Mpwemu mw'isuzuma werekana ivyiza bimeze neza.

Intambuko ya 5 : Bashiremwo <u>mu butumwa</u>

- Gutanga ibihe vy'ingendo z'ubutumwa
- Guteganya inyigisho z'ukuvuga ubutumwa
- Kujamwo mu kuvuga ubutumwa vyubaka ukwizera n'ubgizigirwa

D. **Kwerekana ibipimo vy'ukugira abigishwa**

1. Gutezimbere igipimo ku kimenyetso cose c'ukugira abigishwa
    a. Ukuza gusenga kw'ijana
    b. Ukwiga Bibiliya – Ego canke oya, ni Kangahe ? Ni kenshi ?
    c. Isengesho – Ego canke oya ; ni kenshi
    d. Igikorwa – Ego canke oya ; ni kenshi
    e. Ugutumwa – Ego canke oya ; ni kenshi
    f. Ukwizera – kw'intege nke, canke gukomeye
    g. Ubumwe – kujamwo ego canke oya, ni kenshi

2. Kwegeranya ibikenewe ku gipimo cose
    a. Gusinya mu gitabo ko baje kw'ishuli
    b. Amakarata banditsweko yo guhimbaza
    c. Inkuru z'ibikorwa mw'ishengero

3. Gukurikirana no gutanga raporo y'amanota
    a. Ku kwezi ku kwezi
    b. Ku gihembge
    c. Ku mwaka

E. **Gutezimbere umugambi w'ukugira abigishwa ku gikorwa**

« **Uremeke Uhoraho ibikorwa vyawe, niho imigabo yawe izokomera** » Imigani 16:3

1. Guserura ivyerekanywe
    a. Gusobanura ivyo ushaka kubona bishika
    b. Kuranga amanota ashoboka canke inyifato

2. Gushinga intego zipimwe ku gipimo cose c'ukugira abigishwa

    a. Ukuza guhimbaza
    b. ukujamwo mu kwiga Bibiliya
    c. Ukujamwo mu mirwi mito mito
    d. Ukujamwo mu gikorwa no mu butumwa n'ugushinga intahe
    e. Ukujamwo mu gutumwa n'ugushinga intahe
    f. Ukwerekana ukwizera
    g. Ukujamwo mu bumwe.

3. Gutezimbere inzira y'ukugira abigishwa kw'umuntu wese

    a. Kuranga intambuko c'uguterimbere
    b. Kuba umunyamuryango canke ugutonda mu vyigwa vya Bibiliya
    c. Ukujamwo mu murwi muto
    d. Ibihe vy'ugusenga, mu gutumwa canke gushinga intahe
    e. Kugira ubumwe hamwe n'abandi

4. Gutezimbere umugambi w'ishengero ku mwaka

a. kugira umugambi wo kurangura intego y'ishengero ryawe yo kugira abigishwa
    - N'ibihe bikorwa bizoba kuri gahunda
    - Hakenewe amafranga angahe ?

b. Subiramwo umugambi ku kwezi, no ku mwaka ku majambere ; n'amanota
c. Hindura nkuko bikenewe

F. **Isuzuma ribandanya**

Gusubiramwo kuraba imfunguzo z'ibintu no kubaza ibibazo bikurikira kira mwaka

1. Ukujamwo kw'umuntu wese
    a. Mbega urugero rw'ukujamwo ku ntambuko yose muri urwo rwego rugana gute ?
    b. Ni hehe twateye intambuko ?

2. Ugusuzuma ugukura kw'umuntu ubgiwe

« **Niko bimeze n'ukwizera kutagira n'ibikorwa, kuri kwonyene kuba gupfuye** » Yakobo 2:17

    a. Ni ayahe manota y'umuntu wese ?
    b. Muri abantu bakura mu kwizera ?

3. Guhindura inyigisho zikaba izihwanye n'ivyo umuntu akeneye
    a. Guhuza n'ivy'ibilasi vyigisha
    b. Kuremesha kuja mu bilasi bitanga inyigisho zitera zije imbere
    c. Kubarungika mu vy'ubutumwa bunonosoye

4. Isuzuma ry'ingaruka

« **Nuko muzobamenyera ku vyo bama** » Matayo 7:20

    a. Mbega n'ingaruka iyihe kw'ishengero ryawe ?
    b. Mbega n'ingaruka ki ku bantu bawe ?
    c. Mbega n'ingaruka ki ku b'isi ?

**UMWIMENYEREZO KU NTEGURO YO KUGIRA ABIGISHWA**

Gutezimbere umugambi wo kugira abigishwa kw'ishengero ryawe. Bitahure nkuko ushobora kuranga ivyerekanywe vyawe, intego n'ibikorwa utegerezwa kurangura.

Ukumenyesha ivyerekanywe

____________________________________________________________

____________________________________________________________

____________________________________________________________

Intego 1 ____________________________________________________

Ibikorwa : 1 ____________________________________________________

2 ____________________________________________________

3 ____________________________________________________

4 ____________________________________________________

Intego 2 ____________________________________________________

Ibikorwa : 1 ____________________________________________________

2 ____________________________________________________

3 ____________________________________________________

4 ____________________________________________________

Intego 3 ____________________________________________________

Ibikorwa : 1 ____________________________________________________

2 ____________________________________________________

3 ____________________________________________________

4 ____________________________________________________

Intego 4 ____________________________________________________

Ibikorwa : 1 ____________________________________________________

2 ____________________________________________________

3 ____________________________________________________

4 ____________________________________________________

## IGICE CA 10

## IMIRWI MITO Y'UKUGIRA ABIGISHWA

« **Maze aduga umusozi muremure, ahamagara abo agomba, baza kuri we. Atoranya icumi na babiri bo kubana nawe maze ngw'abatume kwigisha** » Mariko 3:13-14.

Mu ntango y'igikorwa ciwe hano kw'isi, Yesu yarasohotse aja ahabona atoranya umugwi mutoya. Yatoranijwe abagabo cumi na babiri baba abigishwa biwe, arabarongora, arabigishwa mu myaka itatu ikurikirana. Nkuko Yesu yataramuye ibiganza vyiwe, abigishwa barubatse ishengero, umubiri w'abizera watanguye nk'umugwi mutoya ukoranira mu mihana. Reka turabe ukugene twoshobora gukoresha umugwi muto w'ukugira abigishwa mu gukura mu vy'impwemu mu buryo abantu biyumvamwo amakoraniro.

A. **Imigwi mito : Bisobanurwa**

1. Kuva ku bantu 5-12
2. Amakoraniro asanzwe
    a. Mu mihana nkuko bimenyerewe
    b. Ukwiga Bibiriya
    c. Gusangira no gufashanya
    d. Isengesho
    e. Gusangira ivyokurya

3. Aho imitima ishobora gukorwako, ibibazo bishobora kwishugwa kandi ukwiga kugashingwa kuri Bibiliya

B. **Umushinge wa Bibiliya ku migwi mito mito**

1. Ivyakozwe 2:46-47

« **Kandi imisi yose bashishikara kuja mu rusengero n'umutima uhuye, kandi iwabo bamanyagura umutsima, bakarya banezerewe n'imitima itagira akarohe. Bahimbaza Imana kandi nabo bashimwa n'abantu bose. Umwami Imana akabongera imisi yose abama barakizwa** ».

a. Bakoranira mu mihana
b. Bakoreshwa n'Imana kugukura kw'ishengero

2. Abaheburayo 10:25

« **Twoye guheba gukoranira hamwe nk'uko bamwe bagira, ariko duhanurane, kand'uko mubonye wa musi wegereza murushirize kugenza murtyo** »

a. Ntimuhebe canke ngo mubivemwo
b. Ikibanza gikomeye c'ukuremesha

3. Umusiguzi 4:9-10

« **Babiri baruta umwe kuko baronka impera kubw'ubgutame bgabo. Kuko umwe ni yatemba mugenzi we azomuvyura, arik'utemvye ari wenyene adafise ikimuvyura aba agowe** »

a. Turakeneranira
b. Abagenzi barafashanya

4. Abakolosayi 3 :16

« **Ijambo rya Kristo ribe muri mwebge rirwiriye ririmw'ubgenge bgose, mwigishanye, muhanurane, muririmba zaburi n'indirimbo n'amatazirano y'ivya Mpwemu, muririmbire Imana mu mitima yanyu mubiheshwa n'ubuntu bgayo** »

Imigani 27:17 « **Ukw'icuma gikarisha ikindi niko umuntu akarisha mugenzi we** »

a. Ugushigikirana
b. Kubandanya gukura mu Mpwemu biciye mu kwiga
c. Ugufashanya

5. Imirwi mito mito ni ikibanza co kugaburira agaciro k'ubucuti
   a. Gukundana (yohana 13 :24 ;15 :12,17 n'ibindi)
   b. Kwitangiranira (Abaroma 12 :10)
   c. Kwubahana (Abaroma 15 :7)
   d. Kudaciranira imanza (Abaroma 14 :13)
   e. Kwemerana (Abaroma 15 :7)
   f. Kuramukanya mu rukundo (Abaroma) 16 :16, 1 Korinto 16 :20, 1 Petero 5 :14)
   g. Gukoreranira mu rukundo (Galatiya 5 :13)
   h. Kwikoreranira imitwaro mu rukundo (Efeso 4 :2, Kolosayi 3 :13)
   i. Guharirana (Efeso 4,32, Kolosayi 3 :13)
   j. Kugiriranira neza, no kugiriranira imbabazi (Efeso 4,32)
   k. Kwigishanya no guhanurana (Kolosayi 3 :16)
   l. Kuremeshanya no kwubakana (1 Tesalonika 5 :11, Abaheburayo 3 :13 ; 11 :25)
   m. Kwirurana (1 Tesalonika 4 :18)
   n. Kwiyumviranako mu rukundo no mu bikorwa vyiza (Heburayo 10 :24)
   o. Kwaturanira ivyaha vyanyu (Yakobo 5 :16)
   p. Gusengeranira (Yakobo 5 :16).

C. **Imimeremere y'umurwi mutoya**

1. Imirwi yose mito mito ikeneye ibiciro bimwe mu vy'impwemu
   a. Ugushirwa hejuru : Matayo 22:36-38

      « **Mwigisha ibgirizwa risumba ayandi mu vyagezwe n'irihe ? Aramwishura ati mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n'ubugingo bganyu bgose n'ivyiyumviro vyanyu vyose, iryo ni ryo bgirizwa rya mbere kandi rihambaye** ».

      - Uburenganzira bgo kw'isonga –ubucuti bgacu hamwe n'Umwami
      - Umubabaro w'itsitso wuzuye
      - Kwifuza kuba hamwe nawe
      - Kwifuza gusangira nawe ico ariko arakora

   b. Biva mu mutima : Matayo 22:39

      « **Hari irindi rya kabiri rimeze nkaryo n'iri : Mukunde bagenzi banyu nkuko mwikunda** ».

      - Kwitangira ubugingo bgacu mu rukundo
      - Kuba hamwe n'abantu
      - Gukundana turi mu mirwi mitoya birongora gukundana n'abari hanze y'umurwi.

   c. Mu kuja hanze Matayo 28:19

      « **N'uko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mu babatiza mw'izina rya Datawa twese n'iry'Umwana n'irya Mpwemu yera** ».

      - Ugutahura ko bose muri twebge turi n'ibgirizwa rikuru ku b'isi.
      - Aho hose Imana iturongora kugenda, dutegerezwa kubonako turonka uburyo bgogushinga intahe.
      - Ibgirizwa ryo kugenda hanze guhindura abigishwa mu Mana imwe y'ukuri.

   d. Kuja imbere : Matayo 28:20

      « **Mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndi kumwe namwe imisi yose gushitsaku muhero w'isi** ».

      - Kwigishwa bose ukwubaha uko Kristo yatwigishije- ugukura mu vy'impwemu.
      - Kwigisha ntibingana n'ukwubaha mu bugingo bga buri musi
      - Kugira ubugingo buhindutse kugira ngo dushikire abandi
      - Gutera tujimbere mu kwizera kw'ukuri hamwe na Kristo nk'umugenzi n'umurongozi.

2. Inyuma y'imirwi mito mito
   a. Ikibanza co kumenyereza ubugingo bgahindutse
   b. Ikibanza co kwiga uko tubaho ubugingo rukristo
   c. Ikibanza co kwerekana no kwakira urukundo
   d. Ikibanza co gukuza ubucuti hagati y'umuntu n'uwundi mu rukundo n'ukwemerana
   e. Ikibanza co kuronka ingoga zo kwihanganira ibishavuza n'ibibabaza
   f. Ikibanza co guhimbaza, gusenga no kwiga
   g. Ikibanza co gukoresha ingabire zawe za mpwemu mu gukorera abandi.

3. Ubundi bgoko bg'imirwi ishobora kuvamwo imirwi mito mito
   a. Igikorwa kirongowe (ak. Igikoni c'Abamalayika)
   b. Ugutumwa kurongowee (ak. Umurwi w'uguhimbaza)
   c. Ufatiye ku gitsina (ak. Umurwi w'agahawa k'abagabo)
   d. Ufatiye ku bukuru (ak. Umurwi w'abakuru)
   e. Ubgoko bg'iyindi mirwi yose bukeneye kugira uduciro tw'imirwi mito mito
      - Kwuguruza Ijambo ry'Imana ubutumwa
      - Gusengera hamwe
      - Gusangira no gushigikirana
      - Gukurira mu Mpwemu hamwe

D. **Ibishavuza ku mirwi mito mito hamwe n'inyishu zishoboka**

1. **<u>Ukwigunga</u>** : Ni mu gihe umurwi mutoya ukora wugariye abandi
   Inyishu ishoboka : Gira intebe igaragara kandi musenge kugira ironke uyicaramwo kandi mushake kwigaburamwo imirwi ibiri.
2. **<u>Ugutinya</u>** : kugira abagize umurwi udasangira kenshi inyishu ishoboka ; gusataguramwo imirwi mito cane ya 2-3 mu gihe kimwe kimwe.
3. **<u>Ukudashikama</u>** : Kugira intege nke mu vy'impwemu gushaka igihe cose guhagara kuvy'imibano.
   Inyishu ishoboka : guhana umwanya munini ungana w'uguhimbaza, w'amasengesho, w'ukwiga ijambo ry'Imana no gusangira.
4. **<u>Ukuvuga kw'umurongozi wenyene</u>** : Mu gihe umurongozi ariwe yama avuga vyose.
   Inyishu ishoboka : Gukurakuranwa ku burongozi bw'umwanya wo kwigisha Bibiliya.
5. **<u>Kuzanamwo ingorane z'umuntu ubgiwe</u>** : Abagize umurwi bama bazanyemwo ibibazo vy'ingorane zabo
   Inyishu ishoboka : Tanga impanuro k'umuntu afise ingorane nyinshi.
   Inyishu ishoboka ; Ni guhindukira no kwigisha abana, canke kuronka umusore wo gufasha abo bana.
6. **<u>Abana</u>** : Kuza mu murwi muto urimwo abavyeyi bafise abana badashobora gusiga muhira.
   Inyishu ishoboka : Ni guhindukira no kwigisha abana canke kuronka umusore wo gufasha abo bana.

E. **Ugushigikira kw'abungere ku mirwi mito ni ngirakamaro**

1. Kugendera imirwi kenshi
2. Kwigisha no guhanura abarongozi b'imirwi mito mito
3. Gufasha imirwi mito kuronka ibikoresho vy'ukwiga Bibiliya
4. Guteganya ibindi bikoresho n'ibifasha, gurtyo nk'ugusuzuma ingabire za Mpwemu canke gushikira ivyagurutse.
5. Kunezerwa hamwe n'imirwi mito nkuko bafi imisi mikuru
6. Gushimagiza imirwi mito mito nk'ikoraniro ryagutse.

**UMWIMENYEREZO WO KUGIRA IMIRWI MITO MITO ABIGISHWA**

Wishure ibibazo bikurikira vyo gufasha ishengero ryawe mu nteguro y'umurwi muto.

1. Mbega imirwi y'ukwiga Bibiliya iramaze kubaho mw'ishengero ryawe kandi mbega irakeneye ugushigikirwa kumeze gute kugira ng'ube umurwi muto?

2. N'ikihe gikorwa c'imigwi utegerezwa kuvyura ngo kibe umurwi muto wugurura Ijambo ry'Imana, kandi ugasenga etc…

3. Ni bande bategerezwa kuba abarongozi b'imirwi mito?

4. N'ibihe bindi vyiyumviro vyo kugira imirwi mito mito abigishwa mu mashengero yacu? (vugana ivyo hagati yanyu).

## IGICE CA 11

## GUHANURA ABANDI

« **Ariko twaritonda hagati muri twebge nk'uk'umurezi abungabunga abana biwe, niko twabagirira igishika, nico catumye duhimbarwa no kubaha, s'ubutumwa bgiza bg'Imana gusa ariko n'ubgacu bugingo nabgo kuko mwabaye abo dukunda rwose. Kugira ngo mugende nk'uko bibereye ab'Imana, ibahamagarira kuja mu bgami bgayo no mu bgiza bgayo** » 1Tesalonika 2:7-8,12.

Yesu yateje imbere ubucuti bg'uguhanura abigishwa biwe. Yesu yari umwigisha .umuhanuzi n'umurongozi w'abigishwa biwe bose. Yarafise ubucuti bg'uguhanura buri hafi y'abigishwa batatu b'imena-Petero, Yakobo na Yohana .Uguhanura ni urufunguzo rw'ubutumwa mw'ibgirizwa rikuru, kuko bategerezwa kugira abigishwa Atari gusa ugushingira intahe abo hanze.Uguhanura ni igikorwa c'ingirakamaro mu kugira abigishwa-nk'uko dukura mu vy'impwemu kandi tukiga no kubaho ubugingo bg'ukwizera

**A.Intangamarara**

1. Umuhanuzi ni umuntu w'ubgenge kandi ni umuhanuzi yizigirwa canke umwigisha (dukurikije kazindutsi)

2. Imana yaturemeye gukenera abahanuzi
   a. Abavyeyi
   b. Abigisha
   c. Abakuru
   d.Abungere

3. Guhanura ni : raba muri 1Timoteyo, igice ca 4
   a Uwitangira ubucuti bgo kugira abigishwa umuntu ku muntu
   b. Ukwitangira ubugingo bw'uwundi muntu
   c. Ugutanga ukwizera muri yesu
   d. Ukuvyiga ah'abantu bompi bubahana kandi bakeneraniye
   e. Ukugwira mu vy'impwemu-kugira uwiga guhanura ashobore guhanura abandi.
   f. Gushigikira uburongozi ruKristo kuva kuva ku ruvyaro rumwe uja ku rundi

« **kandi ivyo wanyumvanye mu maso y'ivyabona vyinshi, ubishikirize abantu bo kwizigirwabazoshobora no kuvyigisha abandi** » 2 Timoteyo 2:2

**B.Ingingo z'uguhanura**

**1. Ukuvyiyemeza**.

a. Gufata uburenganzira bgo gutez, imbere ubucuti umwe kuri umwe
b. Gutanga umwanya ku biriko birakoreka.
c. Gusezerana gukurikira rwose Ijambo ry'Imana n'ubugombe bgayo.

**2. Uburenganzira**

a. Ukwiyugururira abandi
b. Ubushake bgo kwihana
c. Kwemera kwishura uwundi muntu.

3. **Ubgizigirwa**

a. Amakuru yose y'umuntu n'ukuyizigira ubga mbere vyibuze asiguwe ukundi.
**b.** Kwemera gusangira amakuru mu kwubaka umubiri w'abizera

4. **Ukwitanga**

a. Umuntu wese yipfuza kwinjira mu bucuti
b. Gutanga umwanya ukenewe mu gihembwe kirekire wiyemeje
c. Kwemera kurangiza canke umuntu arashobora kwongera gusaba canke gukenerwa.

5. **Imimeremere**

a. Umuntu ku muntu
b. Ku basangiye igitsina gusa
c. Birashobora kw'ari umuntu uzi canke utazi
d. Umusi mukuru wa gatatu ushobora gufasha hamwe n'inkino
e. Bikunze birashoboka guhanura batatu mu mwanya umwe.
f. Bibiliya nico gikoresho gikuru.
g. Birashika mu nyishu kw'ari umuhamagaro w'Imana.

**C. Ni gute duhanura**

1. Kuba twatanguye

a. Hanyuma y'isengesho no gutandukanya ukurongorwa n'Imana, ukarobanura umuntu wo guhanura.
b. Kugira umubonano wa mbere w'ukugendura no kwemera No gushinga inzira y'uguhanura.
c. Ishobora kurangiriza aho nk'uko bikenewe mu bgumvikane kandi biri mu bugombe bg'Imana.Senga!
d. Niba umuntu yarazimiye canke adakijijwe, kora igikorwa c'ivugabutumwa ubga mbere.

2. Kwerekana inzira y'uguhanura

a. Ni ryari kandi ni hehe twohurira?
b. Kwemeranya Bibiliya ko nk'igitabo kirongora ikoraniro ryanyu
c. Kugira ikoraniro rya kabiri hamwe no kwandika ku bibazo vy'ubuzima, ibibaraba canke ibikenerwa.
d. Gutegurira hamwe gahunda n'ibibaraba.

3. Guhura kenshi

a. Gukurikiza gahunda mwemeranije.
b. Kworoha mu gushitsa gahunda hamwe no kugira amakoraniro.
c. Kugira amahuriro mato mato mu gufata no mu guteganya ukuremesha

4. Gusuzuma no gukora ku vya nkenerwa

a. Gukoresha amanote mwafashe ubga mbere.
b. Kwegeranya amakuru menshi afatana n'ubgana, ubusore, n'igihe c'ubuzima bga none.
c. Gusubiramwo no kuvugana amanote, kugundura ibikenewe no kugira intego z'uguhanura.

5. Kuremesha ugukura mu vy'impwemu

« **Ariko weho ugume muvyo wize, ukavyizezwa kuk'uzi abakwigishije kand'uzi y'uk'uhereye mu buto bgawe wamye uzi Ivyanditswe vyera bishobora kukumenyesha ubgenge bushobora kukuzanira agakiza gaheshwa no kwizera Kristo Yesu** »
2 Timoteyo 3:14-15.

a. Intego zirashitswa;imwe mu mwanya canke nkeya mu mwanya gusa.
b. Intego zose zitegerezwa kuronderwa mu vyanditswe mu kurongora no mu gufaasha .Koreraibi hamwe kandi mutegure n'ibiri imbere.
c. Gusengera hamwe, mwumvirize Mpwemu Yera mu kurongorwa.
d. Kwemera igikorwa cose co gukorera muhira bitewe n'ukwitegurira ikoraniro rikurikira.
e. Kuba igishingantahe; Gusangira ugukura mu vy'impwemu hamwe n'abandi no kubaicabona mu gikorwa ca Mpwemu Yera mu bugingo bganyu.

6. Ni ryari turangiza ubucuti bg'uguhanura.

a. Imana irongora nk'uko vyemeranijwe
b. Igihe uwuhanuwe ashoboye guhanura uwundi muntu. Dukenera kugira abigishwabazohindura abandi bigishwa.
c. Mu gihe ubugingo buhindutse.
d. Hindura ingiro yawe! Ak. kudakoranira ku gihe, ariko gira igihe c'aho muhurira.
e. Igihe mushobora guhurira ku mfungurwa, naho nyene muhanurane.

**UmuKristo wese ategerezwa kugira umuhanuzi kaandi ba umuhanuzi w'ubugingo bgabobgose**.

Paulo ahanura Timoteyo :

« **Iri bgirizwa ndariguhaye mwana wanje Timoteyo nk'ukw'abavugishwa n'Imana bakuvuzeko ubga mbere ng'ufashwe navyo kurwana intambara nziza, ugumye ukwizera, ufise umutima utarimwo ijwi rikwagiriza ikibi, iryo bamwe bashibuye bakamera nk'ubgato busavye mu vy'ukwizera** » 1Timoteyo 1 :18-19.

## UMWIMENYEREZO MU GUHANURA ABANDI

Wishura ibi bibazo bikurikira, mu kugira umugambi w'uguhanura mw'ishengero ryawe:

1. Ni nde numva ko arongowe n'Umwami mu guhanura?

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

2. Ni bande biteguye  mu mpwemu kuba abahanuzi mw'ishengero ryacu?

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

3. Ninde akeneye guhanurwa mw'ishengero ryacu?

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

4. Bivuye ku bibazo, ica kabiri n'ica gatatu aho hejuru:Ni nde ashoboye kugenda neza nk'uwuhanura abangana?

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

_______________________________________________

## IGICE CA 12

## KUREMESHA UWUSHONJE IMANA

**« Hahirwa abafise inzara n'inyota vyo kugororoka kukw'aribo bazohazwa** » Matayo 5:6

Hariho umugani wa kera uvuga ngo:«Urashobora kurongora ifarasi ku mazi ariko ntushobora kuyinywesha». Bisobanura ko niba ifarasi itanyotewe ntizoyanywa naho woyishira amazi imbere. Nico kimwe nako twovuga ku bucuti bgacu n'Imana.Turashobora kurongorwa n'Imana ariko vyibuze tutamushaka nta nyungu tuzobironkamwo.Rero ni ivy'akamaro kuri twebge gutez'imbere uwushonje Imana n'Ijambo ryiwe, gurtyo dushobora kwuzura Mpwemu Yera , Nigeze kwumva Pastori David Jeremiah aranga ubudasa hagati y'Inzara yo mu mpwemu n'inzara y'umubiri mu nsiguro yiwe kw'iradiyo,Yavuze ko inzara y'umubiri uko urya vyinshi niko inzara iba nke kugeza wujuje. Ariko inzara yo mu mpwemu ikinyurane ni ukuri. Uko urya vyinshi, ukomeza gusonza. Ntiwigera uronka ibiguhagije. Nk'abarongozi ni ivy'akamaro kuri twebge mu kuremesha abandi kugira inzara y'Imana nk'uko biri. Dushobora kurongora abandi ku MANA ariko bategerezwa kugira inzara. Igihe abantu bashonje Imana bifuza vyinshi kuri Yo, gurtyo barakura nk'abigishwa.

### A. Ni nde ashonje Imana?

1. Umwigishwa wa Kristo ategerezwa kugira inzara y'Imana Nk'uko Yesu yakora.

   a. Mbega hariho ubudasa hagati y'umwigishwa n'uwizera?
   Umwigishwa-N'umwe yemera kand'akurikirana mu gukwiza inyigisho z'uwundi.
   Uwizera : Kugira ukwizera mw'idini, kurifata nk'ukuri canke wizigira.

   b. Umwigishwa: arasumba uwizera kure niyo.Umwigishwa afise ukwizera gukora.

« **Kandi mube abakor'ivy'iryo jambo, ntimube abaryumva gusa, mwibesha** » Yakobo 1:22.

2. N'ubuhe burorero muri Bibiliya bg'abantu bashonje Imana?

   a. Abraham – Kwizigira amasezerano y'Imana (Itanguriro 22)
   b. Mose – Yubaha amabwirizwa y'Imana.(Kuvayo 7,6))
   c. Dawidi – Umuntu afise umutima nk'uw'IMANA Igomba (1 Sam 13:14)
   d.Yobu – Umwizigirwa naho hari uguhamwa.(Yobu 42)
   e. Nicodemo - yaje kwa Yesu mw'ijoro (Yohana 3:2)
   f. Mariya - yicaye imbere y'ibirenge vya Yesu (Luka 10:38-42)
   g. Paulo - umuntu ari ku gutumwa n'Imana (Ivyak.9:15-16)

**B. Ni kuki dutegerezwa kuremesha uwushonje Imana?**

1. Ni kuko tumenya y'ukw'Imana yonyene ishobora kwuzuza ahatuzuye mu mpwemu.
   a. Imana yonyene niyo itanga amahoro y'ukuri.
   b. Imana yo nyene niyo ishobora guhaza ivyifuzo vyacu vyo mu mpwemu hamwe n'ibikenerwa.

2. Ni kuko twese twaremewe kuba mu bucuti n'Umuremyi wacu.
   a. Twatandukanijwe n'Imana kubg'icaha kand'ashaka ko tugaruka.
   b. « **Tutari mu Mana, ntaco dushobora gukora** » Yohana 15:5

3. Ni kuko KRISTO ariwe wenyene nzira y'agakiza, n'ubugingo budashira.
   a. Nta rindi zina ririho iryo abantu bashobora gukirizwamwo. Ivyak 4:12
   b. Yesu ni inzira n'ukuri n'ubugingo. Yohana14:6

4. Ni kuko Imana igomba guha imigisha umwe umwe muri twebge mur'ubu bugingo
   a. Rondera Imana ubga mbere ; hama uzoronka ikindi kintu cose. Matayo 6:33
   b. Imana ihezagira abo bose bayihamagara. Abaroma10:12

**C. N'ibihe bimenyetso vy'uwushonje mu vy'impwemu**

1. **<u>Icipfuzo c'uguhimbaza IMANA</u>**
   a. uguhimbaza kuduhumekeramwo
   b. ugusenga kuduza imitima yacu
   c. ugusenga kudufasha gutumbera Imana mu kibanza cacu.

2. **<u>Inyota y'ukumenya ukuri</u>**
   a. Kumenya no gutahura ijambo ry'Imana
   b. Gukoresha ijambo ry'Imana ku bugingo bgacu
   c. Kurondera ubwenge bg'Imana
   d. Gukurikirana ubugombe bg'Imana ku bugingo bgacu

**3. <u>Ugukenera kwuzuza ahatuzuye mu bugingo bgacu</u>**
   a. Kugira ubucuti na Yesu
   b. Kwuzuza ahatuzuye hose ashobora kutwuzuriza
   c. Kuronka insiguro n'intumbero mu bugingo bgacu

**4.<u>Icipfuzo co kugamburukira Imana</u>** Yakobo 4:7 « **Mugamburukiranire, hama n'Imana** »
   a. Kora ubugombe bgiwe
   b. Kwubaha amabgirizwa yiwe
   c. Genda aho akurongora

5. **<u>Icipfuzo co gukorera abandi</u>** (Abagalatiya 5:13 « **Mukoreranire mu rukundo** »)
   a. Kwiyumvira ku bandi ubga mbere (ibgirizwa rikuru mu mabwirizwa)
   b. Gukunda abandi nkuko Kristo yadukunze
   c. Kwiyanka no kwikorera umusalaba wiwe

6. **<u>Ukwifuza gusangira ubutumwa bgiza n'abandi</u>**

a. Gusangira intahe mu bugombe (ukwatura)
b. Kurondera hanze abazimiye (kuvuga ubutumwa)
c. Gutangaza injili (gusigura)

**D. Ni gute dufasha kugaburira uwushonje … abandi?**

1. Kuremesha ugufungura ibifungurwa vy'impwemu (**<u>soma ijambo</u>**) « **Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'IMANA kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu no kumuhana, no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka, kugira ng'umuntu w'Imana abe ushitse, afise ibimukwiye vyose ngw'akore igikorwa ciza cose** » 2Timoteyo 3:16-17

a. Gukura muri Kristo, utegerezwa kumenya Kristo
b. Imvugo y'umunyamerika ikwiriye ni«Uri ico wariye»gurtyo rya neza bigororotse!

2. Kumenyesha umwimenyerezo w'igihe cose (kuza guhimbaza)

« **Mwaturire Uhoraho ingen'izina ryiwe ribereye icubahiro, muze imbere yiwe muzanyeishikanwa, musenge Uhoraho mwubashe musazishije ukwera** »
1 Ingoma 16:29

a. Iki gisomwa gitumbereje ku Mana.
b. Ishimangirije ku mahuriro yabo ku mubiri wa Kristo.

3. Kuremesha ukwirinda ibisosa (ivyaha vy'isi) bigabanya akayabagu k'ivy'isi. (**<u>Kuzigama ukwera</u>**)

« **N'uko natwe ko dukikijwe n'igipfungu c'ivyabona kingana girtyo twiyambure ibituremera vyose, n'icaha gikunda kutwizingirako vuba, dusiganirwe ivyo twasizwe imbere twihanganye** » Abaheburayo 12:1

a. Kwibanda ku kwatura n'ukwihana.
b. Kwibanda k'umwuzuzo w.ibihe birongora bije mu bigeragezo

4. Kuremesha ukugaburira abandi (gukora igikorwa co kuvuga ubutumwa)

«**Amubaza ubugira gatatu ati Simoni mwene Yohana mbeg'urannogera? Petero arababara, kuko yamubajije ubugira gatatu ngo mbeg'urannogera?Aramwishura ati Mugenzi weho urazi vyose, urazi ko nkunnogera. Yesu aramubwira at'Ahura intama zanje**. »Yohana 21:17

a. Kugira ng'uronke kamwe utegerezwa kubanza gutanga ubwa mbere.
b. Umwigisha azi vyinshi kuruta umunyeshule.

c. Ukwizera kwacu gukuzwa n'uko dukorera abandi mw'izina rya YESU.

d. Ntukoreshe Imana ariko reka Imana igukoreshe.

5. Kuremesha gutezimbere ibiraba Imana (kurondera Imana)

« **Mubanze mwitwararike ubgami bg'Imana no kugororoka kwayo, niho ivyo vyose muzovyongerwa** » Matayo 6:33

a. Gutezimbere imbono ya Bibiliya mw'isi
b. Rondera Imana imbere y'ibintu vyose
c. Raba mw'ijambo inyigisho n'ukurongorwa

6. Kuremesha ubugingo bg'amasengesho bukomeye (senga ubudasiba)

« **Musenge ubudasiba** » 1 Tesalonika 5:17

a. Vyubaka ubucuti bgacu na Data nyen'Ijuru
b. Bishimangira ukwizera kwacu nkuko tubona Imana yishura amasengesho

**E. Amasonga amwe amwe afasha mu kuremesha abandi gusonzera Imana.**

1. Kuba akarorero
   a. Ntubabgire ngo – berekane
   b. Ifoto irakwiye ku majambo igihumbi

2. Mukorere hamwe
   a. Wiyerekane ubgawe nk'ubijejwe ku bandi
   b. Hariho inguvu mu bitigiri

« **Nah'umuntu yoshobora kunesha umwe, babiri bomunanira, kand'igitsibo c'imigozi itatuntigicika vuba** » Umusiguzi 4 :12

3. Kwibanda ku kintu kizima
   a. Agacokoro gasambura icifuzo
   b. Mwubakane – 1 Tesalonika 5 :11

4. Kubatangurira
   a. Nturindire kw'aribo batangura igikorwa cank batabikora
   b. Reka babimenye vy'ukuri kubafata neza

5. Bahe bose uguhimbaza n'icubahiro vy'Imana
   a. Menya neza gushimira Imana mu bintu **vyose**. 1 Tesalonika 5 :18
   b. Imisi yose niwe wenyene ahimbazwa atari twebge.

**UMWIMENYEREZO K'UWUSHONJE IMANA**

Tondesha ibintu ushobora gukora mu kuremesha abandi bashonje Imana.

1. ______________________________
2. ______________________________
3. ______________________________
4. ______________________________
5. ______________________________
6. ______________________________
7. ______________________________
8. ______________________________
9. ______________________________
10. ______________________________